Urukurikirane rw'inyigisho
nkarishabwenge mu bumenyi
bw'idini ku mugwi w'abisununuye

# ICIGWA CA AQIIDA
# INYIGISHO ZEREKEYE UKWEMERA

**Canditswe na Dr. Sulaimaan mwene Swaalih AL-GHUSN**

**Casiguwe mu kirundi na Imam MINANI Abduswamad**

**Cakosowe na:- Sheikh GIHETE Yusufu**
**- Ir. NDABASHINZE Alimas**

**Bujumbura, Rusama 2017**

## URUTONDE RW'IBIRIMWO


| | |
|---|---|
| GUSHIKIRIZA........................................................................................ | 1 |
| ICIGWA CEREKEYE UKWEMERA KU MUGWI W'ABISLAMU BASHASHA.......................................................... | 3 |
| IKIGABANE CA MBERE: INTANGAMARARA Y'INYIGISHO ZEREKEYE UKWEMERA GUSHINGIYE KU KWEMERA IMANA IMWE RUDENDE (AQIIDATU TAWHIID).......................... | 5 |
| Insiguro y'ijambo "AQIIDATU TAWHIID"......................................... | 5 |
| Akamaro k'ukwemera gushingiye ku kwemera Imana Imwe Rudende "AQIIDATU TAWHIID"...................................................................... | 5 |
| Inyungu zo kwemera Imana Imwe Rudende Allah (TAWHIID)........... | 7 |
| Isoko ry'inyigisho z'ukwemera kislamu (MASWAADIR)...................... | 8 |
| Ibigenga inyigisho z'ukwemera kislamu.............................................. | 9 |
| IKIGABANE CA KABIRI: INSIGURO Y'IJAMBO "IDINI" N'INZEGO ZARYO......................................................................... | 10 |
| Insiguro y'ijambo "IDINI"................................................................... | 10 |
| Inzego z'idini........................................................................................ | 10 |
| UBWISLAMU........................................................................................ | 12 |
| Ubwislamu nyabwo................................................................................ | 12 |
| Inkingi z'ubwislamu............................................................................. | 12 |
| Insinguro y'inkingi z'ubwislamu.......................................................... | 13 |
| Inkingi ya mbere: Ukwemanga no kwemera ibintu bibiri (SHAHAADATAANI)......................................................................... | 13 |
| a. Ukwemanga no kwemera ko ata yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Imana Imwe Rudende Allah................................................... | 13 |
| 1. Insiguro y'ijambo LAA ILAAHA ILLA LLAAHU....................... | 13 |
| 2. Inkingi z'ijambo LAA ILAAHA ILLA LLAAHU......................... | 13 |
| 3. Ibisabwa n'ijambo LAA ILAAHA ILLA LLAAHU (SHARTI)..... | 14 |
| b. Ukwemanga ukemera ko Muhamadi ari Intumwa y'Imana.............. | 16 |
| 1. Insiguro y'ijambo SHAHAADATU ANNA MUHAMMADAN RASUULU LLAAHI.................................................................. | 16 |
| 2. Ibiri mu kwemera ko Muhamadi ari Intumwa y'Imana…………... | 16 |
| Inkingi ya kabiri: Isengesho.......................................................... | 18 |
| Inkingi ya gatatu: Gutanga ishikanwa-bwirizwa (ZAKAT).......... | 19 |
| Inkingi ya kane: Kwipfunga ukwezi kwa Ramadhani................. | 20 |

| | |
|---|---|
| Inkingi ya gatanu: Gushengerera ingoro ntagatifu iri i Makka (Hijja)........................................................................................ | 2 0 |
| UKWEMERA (AL-IIMAAN)........................................................... | 21 |
| Ukwemera nya kwemera.............................................................. | 21 |
| Inkingi z'ukwemera.................................................................... | 22 |
| Insiguro y'inkingi z'ukwemera...................................................... | 23 |
| 1. Ukwemera Imana Allah.......................................................... | 23 |
| 2. Ukwemera abamalayika......................................................... | 25 |
| 3. Ukwemera Ibitabu vy'Imana Allah............................................. | 27 |
| 4. UKwemera Intumwa z'Imana.................................................... | 30 |
| a. Insiguro y'ijambo "RASUULU" (Intumwa).................................. | 30 |
| b. Insiguro y'ukwemera Intumwa.................................................. | 31 |
| c. Imvo z'ukurungikwa kw'Intumwa.............................................. | 31 |
| d. Ibihangange mu Ntumwa......................................................... | 32 |
| e. Ivyo dutegetswe ku Ntumwa..................................................... | 32 |
| f. Ukwemera Intumwa y'Imana Muhamadi...................................... | 33 |
| g. Inyungu ziri mu kwemera Intumwa............................................ | 35 |
| 5. Ukwemera umusi w'imperuka.................................................... | 35 |
| a. Insiguro y'ukwemera umusi w'imperuka..................................... | 35 |
| b. Ibimenyetso vy'umuhero w'isi................................................. | 36 |
| c. Igeragezwa ryo mu mva, ibihano n'amahirwe biberayo.................. | 37 |
| d. Izuka n'iyegeranywa............................................................ | 39 |
| e. Iharurirwa n'ihembwa........................................................... | 40 |
| f. Ubwami bw'ijuru n'umuriro udahera......................................... | 41 |
| g. Inyungu z'ukwemera umusi w'imperuka.................................... | 42 |
| 6. UKwemera ivyagezwe (AL-QADAR)........................................... | 42 |
| a) Insiguro y'ukwemera ivyagezwe............................................. | 42 |
| b) Ingero z'ivyagezwe............................................................ | 43 |
| c) Ubushake n'uguhitamwo kw'umuntu......................................... | 44 |
| d) Gufatira ku mpamvu........................................................... | 44 |
| e) Kubuza guharira mu vyerekeye ivyagezwe.................................. | 45 |
| f) Inyungu ziri mu kwemera ivyagezwe........................................ | 45 |
| UBUGWANEZA (IH-SAAN)......................................................... | 46 |
| 1) Ukuri kw'ubugwaneza n'urwego rwabwo..................................... | 46 |
| 2) Ikibanza c'ubugwaneza n'inyungu zabwo.................................... | 46 |
| IVYONONA UBWISLAMU............................................................ | 47 |
| Ibihushanye no gutunganya bikwiye neza TAWHIIDI............... | 48 |

## GUSHIKIRIZA

Nihaninahazwe Imana Allah, Umurezi Rurema w'ibiremwa vyose, impuhwe n'amahoro vy'Imana Allah bisasagare ku Ntumwa y'Imana Muhamadi, umuryango wayo n'ingendanyi zayo zose.

Inyuma y'ivyo, bitewe n'ukwiyumvamwo ishaka ryo gushira mu ngiro ibwirizwa ryo gushikiriza ubutumwa bw'Imana bwo gukwiragiza ubwislamu hamwe n'ubumenyi bw'idini, mu guterera agacumu k'ubumwe mu bikorwa vy'ubwislamu, ntitworeka gushimira amashirahamwe ya Leta canke ay'abikorera utwabo yo mu gihugu ca Saudiya, ata co adakora mu gutunganya ivyigwa nkarishabwenge bibera mu gihugu no hanze yaco.

Bikaba vyarabonetse neza na neza ko mu gutunganya ivyo vyigwa, hakenewe integuro y'ivyigwa n'ibitabu vyokwigishwa mu gushikiriza izo nyigisho nkarishabwenge, ari na co gituma ikigo co guhingura no gukwiragiza ibitabu (ISHBILIYA) kiri i Riyadhi, cifatanije na bamwe mu bahinga, ciyemeza gutegura no kwandika ibitabu vyokoreshwa, canecane mu gukarihiriza abandi ubwenge.

Ica mbere cihutiwe gukorwa cabaye ugushiraho umugwi w'abahinga, kugira ngo ukore ibi bikurikira:

**Ubwa mbere**

Gutunganya integuro y'ukuntu ivyigwa nkarishabwenge vyo kwigisha idini vyogenda uhereye ku nsiguro yavyo, intumbero yavyo, ikiringo vyomara, imigwi y'abovyiga, n'ivyigwa bohabwa.

**Ubugira kabiri**

Gushiraho integuro y'ivyigwa ku migwi y'abigishwa.

**Ubugira gatatu**

Gutegura ivyigwa, uhereye kw'ihangiro, ivyigwa nyezina n'urutonde rwavyo.

**Ubugira kane**

Gushiraho amategeko yisungwa mu kwandika. Igikorwa co gutegura ivyigwa caciye gihabwa umugwi w'abahinga, bamwe bose mu co banonosoye mu vyigwa vy'idini. Bikaba ngombwa ko ivyigwa vyateguwe bishikirizwa uwundi mugwi w'abashinzwe gukosora kugira ngo ubunganire bikenewe.

Mu ntumbero yo gukwiragiza inyungu, ikigo ISHBILIYA caciye cihutira gusohora (mw'igeragezwa) igitigiri gito c'ibitabu bitabanje gukosorwa, ico gikorwa kikazokurikira mu nyuma, ari na ho hazoca hasohoka (ku bushobozi bw'Imana Allah) ibitabu nk'uko biteguwe.

Kubera ivyo rero, turasavye uwo wese yosoma ivyo bitabu vyasohowe mw'igeragezwa ko yodushikiriza ico yihweje mu ntumbero yo kubitunganya neza, kugira ngo inyungu ikwire bose.

Duheraheje dusaba Rugiravyose Allah ko Yodushoboza Ikadutsimbataza, Igaha indishi nyinshi abo bose bafashije, bagaterera muri iki gikorwa, kuko ni Yo Yonyene Mushoboravyose, tukongera tugasabira Intumwa yacu Muhamadi, n'umuryango wayo, n'ingendanyi zayo, impuhwe n'amahoro vy'Imana Allah.

# ICIGWA CEREKEYE UKWEMERA KU MUGWI W'ABISLAMU BASHASHA

Umwanya w'icigwa: amasaha cumi n'ane (14). Ivy'ijana mirongo ibiri (20%) vy'ivyigwa bitegekanijwe.

**Ihangiro ry'iki cigwa**

Amahangiro y'iki cigwa ni aya akurikira:

1. Kumenya ivyo umwislamu ategerezwa kwemanga akemera mu vyerekeye idini ryiwe n'ibirigenga.
2. Gutsimbataza ukwemera kislamu gushingiye ku kwemera Imana Imwe Rudende (TAWHIID) n'ukugukomeza mu mutima (umushaha).
3. Gukingira umwislamu kuja mu bintu biteye kubiri n'ukwemera Imana Imwe Rudende canke ibihushanye no gutunganywa neza kw'ukwemera.
4. Kumenya ko ukwemera kislamu, gushingiye ku kwemera Imana Imwe Rudende ari kwo kuri ategerezwa gukurikira, akamenya kandi ko ibiteye kubiri n'ivyo ari ikinyoma ceruye.

**Ibiri mu nteguro y'iki cigwa**

Iki cigwa kigizwe n'ibice bikurikira:

1. Intangamarara irimwo: Insiguro, akamaro, ibitabu nkomoko y'ukwemera kislamu, ibigenga ukwemera n'inyungu zakwo;
2. Insiguro y'idini n'inzego zaryo zitatu;
3. Kwerekana ido n'ido inkingi z'izo nzego n'inyungu zazo.

**Integuro y'urutonde rw'ivyigwa vyagenewe abislamu bashasha**

| Icigwa | Igitigiri c'amasaha | Ivy'ijana (%) |
|---|---|---|
| Insobanuro ya Qor'ani (Tafsiir) | 11 | 15 |
| Inyigisho z'intumwa (Hadiith) | 11 | 15 |
| Ivyigwa vy'ukwemera (Aqiida) | 14 | 20 |
| Ivyigwa vyo gutunganya amasengesho n'umubano mu bantu (Fiqhi) | 17 | 25 |

| | | |
|---|---|---|
| Ubuzima n'amateka y'Intumwa (Siira) | 7 | 10 |
| Ingeso n'indero nziza (Akh-laaqu wa-Aadaabu) | 10 | 15 |
| Vyose hamwe | 70 | 100 |

Nihashimagizwe Imana Allah, Umuremyi w'ibiremwa vyose. Impuhwe n'amahoro vy'Imana Allah bisasagare ku Ntumwa y'Imana Muhamadi.

Inyuma y'ivyo, iyo ni yo nteguro y'ivyigwa vyerekeye ukwemera, vyategekanirijwe umugwi w'abislamu bashasha, bizokoreshwa mu nyigisho nkarishabwenge, hisunzwe urutonde rwashizweho n'ikigo co kwandika no guhingura ibitabu (ISHBIILIYA).

Kubera ivyo rero, dusaba Imana Allah ko iki gitabu cogirira akamaro uwacanditse, hamwe n'uwuzogisoma canke akagira uruhara mu kucigisha. Mu vy'ukuri, Imana Allah Irumva kandi Irishura uwuyisavye.

Tukaba twongeye gusabira impuhwe n'amahoro vy'Imana Allah Intumwa yacu Muhamadi, we n'umuryango wiwe n'ingendanyi ziwe zose.

## IKIGABANE CA MBERE: INTANGAMARARA Y'INYIGISHO ZEREKEYE UKWEMERA IMANA IMWE RUDENDE (AQIIDATU TAWHIID)

**Insiguro y'ijambo "AQIIDATU TAWHIID"**

**Ijambo "AQIIDAT"** rivuye mw'ijambo ry'icarabu risigura "Gupfundika umugozi": ni ukuboha ugafatanya umugozi ku wundi, ukagumya.

**Ukwemera kislamu (AQIIDATU ISLAAMIYYA)**

Ni ivyo umwislamu yemera mu vyo azi, akavyemanga ukuri kwamye, ata gushidikanya kurimwo mu bintu bizwi, mu vyo twabwiwe n'Imana Nyenicubahiro n'Intumwa yayo Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

**Kwemera Imana Imwe Rudende ALLAH (TAWHIID)**

Ijambo "TAWHIID" mu rurimi rw'icarabu, rivuye mu rivuga risigura "kugira ikintu kikaba kimwe rudende".

Nayo mu nsiguro nyezina (y'abanonosoye ivyerekeye ukwemera), iryo jambo TAWHIID, risigura "kutabangikanya Imana Allah n'ikintu na kimwe (mu biremwa) mu bushobozi bwayo bwo kubungabunga ibiremwa, mu bumana bwayo no mu mazina n'amatazirano yayo". Bamwe mu bamenyi basigura "TAWHIID" ko ari "Ugusenga Imana Imwe Rudende".

**Akamaro k'ukwemera gushingiye ku kwemera Imana Imwe Rudende (AQIIDATU TAWHIID)**

Kwemera Imana Imwe Rudende bifise akamaro kanini cane. Reka tudondagure bikurubikuru muri ivyo:

1. Kwemera Imana Imwe Rudende ni yo mvo nkuru yatumye kiremwa-muntu aremwa, nk'uko Imana Allah Ivuga Iti:

   {وَمَا خَلَقْتُ الْجِنَّ وَالْإِنْسَ إِلَّا لِيَعْبُدُونِ}

   "Nta kindi naremeye amajini n'abantu atari ukugira ngo bansenge (Jewe Allah gusa) " . (Ad-Dhaariyaat :56)

2. Ni co catumye Intumwa z'Imana zirungikwa, n'ibitabu vyeranda bikamanurwa (Kwigisha ijambo ryo kwemera Imana Imwe Rudende, kuziririza kuyibangikanya). Nk'uko Imana Allah Yavuze Iti:

   {وَلَقَدْ بَعَثْنَا فِي كُلِّ أُمَّةٍ رَسُولًا أَنِ اعْبُدُوا اللَّهَ وَاجْتَنِبُوا الطَّاغُوتَ}

“Mu vy'ukuri, Twarungitse Intumwa mu mugwi wose w'abantu, kugira ibabwirize iti: Nimusenge Imana Imwe Rudende Allah, kandi mwigire kure shetani” (An-Nahl: 36).

Imana Allah Irongera Ikavuga Iti:

{وَمَا أَرْسَلْنَا مِنْ قَبْلِكَ مِنْ رَسُولٍ إِلَّا نُوحِي إِلَيْهِ أَنَّهُ لَا إِلَهَ إِلَّا أَنَا فَاعْبُدُونِ}

“Nta Ntumwa n'imwe twarungitse imbere yawe (Ntumwa y'Imana Muhamadi), atari uko twayihishuriye ko mu vy'ukuri, ata yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Jewe (Allah gusa). Kubera ivyo rero, nimunsenge (Jewe Allah)”. (Al-Ambiyaa-i: 25)

3. Ni wo mushinge w'ivugabutumwa (DA'WA). Ni co kintu ca mbere umuntu wese ahamagarirwa kwubahiriza, ni ryo jambo Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yahereyeko, ni na ryo ryatumye amara imyaka cumi n'itatu mu gisagara ca Makka, ahamagarira abantu gusenga Imana Imwe Rudende Allah, yongera abagabisha ku bubi bw’ibangikanyamana.

   Igihe Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) irungika (ingendanyi) Mu'aadhi mu gihugu ca Yemeni, yamubwiye iti:

   ”إنَّك سَتَأْتِـي قَوْماً أَهْلَ كِتَابٍ، فَإِذَا جِئْتَهُمْ فَادْعُهُمْ إِلَـى أَنْ يَشْهَدُوا أَنْ لا إِلَهَ إلاَّ اللَّهُ، وَأَنَّ مُحَمَّداً رَسُولُ اللَّهِ" وفـي رواية "إلـى أن يوحدوا الله، فَإِنْ هُمْ أَطَاعُوا لَكَ بِذَلِكَ، فَأَخْبِرْهُمْ أَنَّ اللَّهَ قَدْ فَرَضَ عَلَيْهِمْ خَمْسَ صَلَوَاتٍ فِي كُلِّ يَوْمٍ وَلَيْلَةٍ“

   “Mu vy'ukuri, wewe utumwe ku bantu bahawe Igitabu. Niwashika, uraheza ubahamagarire kwemera (ata gushidikanya) ko ata yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Imana Imwe Rudende Allah, kandi ko Muhamadi ari Intumwa y'Imana Allah”. Mu vyakiriwe mu yindi nzira: “Urabahamagarira gusenga Imana Imwe Rudende Allah ata kuyibangikanya. Bamaze kukwumvira kuri ivyo, uraheza ubamenyeshe ko Imana Allah Yabategetse gutsimbataza amasengesho-bwirizwa atanu ku musi, ijoro n'umurango”. Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslimu.

4. Gusenga Imana Imwe Rudende Allah, ni co kintu ca mbere gisabwa (SHARTI) kugira ibikorwa (umuntu akora) vyakirwe. Kubera ivyo rero, umuntu wese abangikanije Imana Allah, ibikorwa vyiwe ntibishobora kwakirwa. Nk'uko Imana Allah Ivuga Iti:

   {وَلَقَدْ أُوحِيَ إِلَيْكَ وَإِلَى الَّذِينَ مِنْ قَبْلِكَ لَئِنْ أَشْرَكْتَ لَيَحْبَطَنَّ عَمَلُكَ وَلَتَكُونَنَّ مِنَ الْخَاسِرِينَ}

   “Nta nkeka ko Twaguhishuriye (wewe Muhamadi) n'abarungitswe (mu ntumwa z'Imana) aho hambere yawe, ko niwahirahira ukabangikanya Imana Allah, ni ukuri, ibikorwa vyawe (vyose) bizocika impfagusa kandi nta kibuza, ko uzokwisanga mu bantu bahomvye” (Az-Zumar: 65).

## Inyungu zo kwemera Imana Imwe Rudende Allah (TAWHIID)

Ukwemera Imana Imwe Rudende Allah, kurimwo inyungu nta ngere, haba ng'aha kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa. Muri izo nyungu twovuga izi zikurikira:

a. Ugusenga Imana Imwe Rudende biratuma amatungo n'ubuzima bw'abantu bikingirwa, nk'uko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:

"أُمِرْتُ أَنْ أُقَاتِلَ النَّاسَ حَتَّى يَشْهَدُوا أَنْ لاَ إِلَهَ إِلاَّ الله، وَأَنَّ مُحَمَّدا رَسُولُ اللهِ"

"Nategetswe guhangana n'abahakanyi, gushika bemeye ko ata yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Imana Imwe Rudende Allah kandi ko Muhamadi ari Intumwa y'Imana". Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslimu.

b. Ugusenga Imana Imwe Rudende Allah bituma abantu babaho mu rweze n'umutekano nta ngere aha kw'isi no mw'ijuru. Imana Allah Yaravuze Iti:

{الَّذِينَ آمَنُوا وَلَمْ يَلْبِسُوا إِيمَانَهُمْ بِظُلْمٍ أُولَئِكَ لَهُمُ الْأَمْنُ وَهُمْ مُهْتَدُونَ}

"Abemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo, hanyuma ntibavanga ukwemera kwabo n'akarenganyo k'ibangikanyamana, abo ni bo batekaniwe, ni na bo bayobotse inzira y'ukuri" (Al-An'aam:82).

c. Ugusenga Imana Imwe Rudende Allah, ni yo mvo yo kwinjira mu Bwami bw'ijuru, nk'uko tubisanga mu nyigisho y'intumwa yakiriwe na Abu Dharri (Imana Allah Imwishimire), yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:

"مَا مِنْ عَبْدٍ قَالَ: "لاَ إِلَهَ إِلاَّ اللهُ" ثُمَّ مَاتَ عَلَى ذَلِكَ إِلاَّ دَخَلَ الْجَنَّةَ"

"Nta muntu n'umwe azovuga ati: "Nta yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Imana Imwe Rudende Allah", hanyuma agapfana iryo jambo, kiretse ko azoja mu Bwami bw'ijuru". Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslimu.

d. Ugusenga Imana Imwe Rudende Allah bituma umuntu aharirwa ivyaha, nk'uko vyakiriwe na Anasi (Imana Allah Imwishimire) avuga ati: "Narumvise Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ivuga iti:

"قال الله تعالى: يا ابْنَ آدَمَ إِنَّكَ لَوْ أَتَيْتَنِي بِقُرَابِ الْأَرْضِ خَطَايَا، ثُمَّ لَقِيتَنِي لَا تُشْرِكُ بِي شَيْئًا، لَأَتَيْتُكَ بِقُرَابِهَا مَغْفِرَة".

"Imana Nyenicubahiro Yaravuze Iti: "Ewe mwene Adamu! N'aho wonkorera ivyaha vyuzuye isi yose, hanyuma tugahura utigeze

umbangikanya n'ikintu na kimwe, nta kibuza ko nzoguha imbabazi zuzuye isi nyene”””. Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy na Imamu Ahmadi.

e. Ugusenga Imana Imwe Rudende Allah bikingira umuntu umuriro udahera, nk'uko tubisanga mu nyigisho y'intumwa yakiriwe na Utbaani (Imana Allah Imwishimire), avuga ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:

”فَإِنَّ اللهَ قَدْ حَرَّمَ عَلَى النَّارِ مَنْ قَالَ لاَ إِلَهَ إِلاَّ اللَّهُ يَبْتَغِي بِذَلِكَ وَجْهِ اللَّهِ“

“Mu vy'ukuri, Imana Allah yaraziririje umuriro, ku muntu wese azovuga ati: “Nta yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Imana Imwe Rudende Allah”. Ivyo agaheza akavyemanga arondera indishi ku Mana Allah gusa”. Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslimu.

**Isoko ry'inyigisho z'ukwemera kislamu (MASWAADIR)**

Inyigisho z'ukwemera kislamu zikomoka mu Gitabu c'Imana Qor'ani no mu nyigisho n'imigenzo vy'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah). Izo ni zo nkomoko zibiri nkuru, kandi zikwije. Yisunze ivyo bintu bibiri, umwislamu araheza agatandukanya iciza n'ikibi mu bijanye n'ukwemera n'inyigisho zavyo.

Ni ngombwa rero ko umwislamu wese yisunga, agakurikiza Igitabu c'Imana Qor'ani n'inyigisho n'imigenzo vy'intumwa. Imana Nyenicubahiro Allah Yaravuze Iti:

{وَمَا كَانَ لِمُؤْمِنٍ وَلَا مُؤْمِنَةٍ إِذَا قَضَى اللَّهُ وَرَسُولُهُ أَمْرًا أَنْ يَكُونَ لَهُمُ الْخِيَرَةُ مِنْ أَمْرِهِمْ وَمَنْ يَعْصِ اللَّهَ وَرَسُولَهُ فَقَدْ ضَلَّ ضَلَالًا مُبِينًا}

“Nta ho vyakabaye ko abemeramana n’abemeramanakazi, bahitamwo ivyo bashaka, mu gihe Imana Allah n'Intumwa yayo Bashinze itegeko. Uwuzogambararira Imana Allah n'Intumwa yayo, azoba yahuvye inzira bimwe biboneka” (Al-Ahzaab: 36).

Imana Allah Irahakana ko ataremera, umuntu wese mu gukemura amatati atisunga amategeko y'Imana Allah. Imana Allah Yararahiye Ivuga Iti:

{فَلَا وَرَبِّكَ لَا يُؤْمِنُونَ حَتَّى يُحَكِّمُوكَ فِيمَا شَجَرَ بَيْنَهُمْ ثُمَّ لَا يَجِدُوا فِي أَنْفُسِهِمْ حَرَجًا مِمَّا قَضَيْتَ وَيُسَلِّمُوا تَسْلِيمًا}

“Ihibambewe! Ndarahiye kw'izina ry'Imana yawe Rurema Allah ko bataremera vy'ukuri, gushika aho bazokugira umucamanza mu matati yaduka hagati yabo, hanyuma ntibazosigarane akangonongongo mu mitima yabo ku ngingo washikirije, kandi bateko bavyemere nk'uko wabishikirije ata guhigimanga[1]” (An-Nisaa-i: 65).

Ni ngombwa rero ko umwislamu aronka inyigisho z'ukwemera Imana, azikuye mu Gitabu c'Imana Qor'ani n'inyigisho n'imigenzo vy'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah). Kandi kirazira ko yohirahira ngo aje kubiri na vyo mu gushira imbere icipfuzo ciwe, gutanga insiguro atari yo canke imico n'inyifato ihushanye na vyo.

**Ibigenga inyigisho z'ukwemera kislamu**

1. Zikomoka mu Gitabu ca Qor'ani, inyigisho n'imigenzo vy'intumwa.
2. Zirahuza n'ivyemejwe n'ubwenge bukwiye, na kamere ndemanwa k'umuntu.
3. Ntusangamwo ibihushane canke ibidashoboka (amananiza).
4. Ziratomoye, nta ndenzarugero irimwo, ziritwararika ibigize ubuzima bwa kiremwa-muntu vyose.

[1] Burya ukwubahiriza no gukurikiza ingingo zisunga Qor'ani n'inyigisho z'intumwa muri vyose bijanye n'ubuzima, ni mu bigize umushinge wo kwemera.

## IKIGABANE CA KABIRI: INSIGURO Y'IJAMBO “IDINI” N'INZEGO ZARYO

### Insiguro y'ijambo “IDINI”

“IDINI”, ni ijambo risigura ikintu umuntu yubaha akubahiriza, akacemera, akanakigendera.

Aha tukaba tworiha insiguro yuko ari ukwicisha bugufi mu gusenga Imana Imwe Rudende Allah, n'ibindi vyose umwislamu yemera akavyubaha mu vyavuye ku Mana Allah canke ku Ntumwa yayo (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

### Inzego z'idini

Idini rigizwe n'inzego zitatu:

- Ubwislamu (ukwicisha bugufi)
- Ukwemera (IMAANI)
- Ubugwaneza (IHSAANI).

Izo nzego z'idini tuzisanga mu nyigisho y'umumalayika Jibrili (nyakugira amahoro y'Imana Allah) yakiriwe n'ingendanyi, umurongozi w'abemeramana Omari mwene Al-Khattwaabi (Imana Allah Imwishimire), aho avuga ati:

”بَيْنَمَا نَحْنُ عِنْدَ رَسُولِ اللَّهِ صَلَّى اللَّهُ عَلَيْهِ وَسَلَّمَ ذَاتَ يَوْمٍ إِذْ طَلَعَ عَلَيْنَا رَجُلٌ شَدِيدُ بَيَاضِ الثِّيَابِ شَدِيدُ سَوَادِ الشَّعَرِ لَا يُرَى عَلَيْهِ أَثَرُ السَّفَرِ وَلَا يَعْرِفُهُ مِنَّا أَحَدٌ حَتَّى جَلَسَ إِلَى النَّبِيِّ صَلَّى اللَّهُ عَلَيْهِ وَسَلَّمَ فَأَسْنَدَ رُكْبَتَيْهِ إِلَى رُكْبَتَيْهِ وَوَضَعَ كَفَّيْهِ عَلَى فَخِذَيْهِ وَقَالَ يَا مُحَمَّدُ أَخْبِرْنِي عَنْ الْإِسْلَامِ فَقَالَ رَسُولُ اللَّهِ صَلَّى اللَّهُ عَلَيْهِ وَسَلَّمَ الْإِسْلَامُ أَنْ تَشْهَدَ أَنْ لَا إِلَهَ إِلَّا اللَّهُ وَأَنَّ مُحَمَّدًا رَسُولُ اللَّهِ صَلَّى اللَّهُ عَلَيْهِ وَسَلَّمَ وَتُقِيمَ الصَّلَاةَ وَتُؤْتِيَ الزَّكَاةَ وَتَصُومَ رَمَضَانَ وَتَحُجَّ الْبَيْتَ إِنْ اسْتَطَعْتَ إِلَيْهِ سَبِيلًا قَالَ صَدَقْتَ قَالَ فَعَجِبْنَا لَهُ يَسْأَلُهُ وَيُصَدِّقُهُ قَالَ فَأَخْبِرْنِي عَنْ الْإِيمَانِ قَالَ أَنْ تُؤْمِنَ بِاللَّهِ وَمَلَائِكَتِهِ وَكُتُبِهِ وَرُسُلِهِ وَالْيَوْمِ الْآخِرِ وَتُؤْمِنَ بِالْقَدَرِ خَيْرِهِ وَشَرِّهِ قَالَ صَدَقْتَ قَالَ فَأَخْبِرْنِي عَنْ الْإِحْسَانِ قَالَ أَنْ تَعْبُدَ اللَّهَ كَأَنَّكَ تَرَاهُ فَإِنْ لَمْ تَكُنْ تَرَاهُ فَإِنَّهُ يَرَاكَ“

"Umusi umwe twari kumwe n'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), ni ho twabona haserutse umugabo umwe, yambaye impuzu zera derere, afise n'umushatsi wirabura tsiritsiri, nta kimenyetso na kimwe cerekana ko yari ari ku rugendo, kandi nta n'umwe yari amuzi muri twebwe; ni ho yaza, aca yicara akomanije amavi yiwe n'ay'Intumwa y'Imana, aca ashira ibiganza vyiwe ku mavi y'Intumwa, araheza avuga ati: "Ewe Muhamadi, nyiganira ico ari co ubwislamu!”. Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ica imubwira iti:

"Ubwislamu ni ukwemanga, ukemera ko ata yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Imana Allah, kandi ko Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ari Intumwa y'Imana. Inyuma y'aho ugatsimbataza amasengesho, ugatanga ishikanwa-bwirizwa (ZAKAT), ukipfunga mu kwezi kwa Ramadhani, ukaja gushengerera ingoro ntagatifu iri i Makka (guhiji) mu gihe ufise ubushobozi". Nya mugabo ati: "Uvuze ukuri". Omari (Imana Allah Imwishimire) avuga ati: "Yaradutangaje ingene yabaza agaca yemera (inyishu bamuhaye)". Arasubira avuga ati: "Nyiganira ico ari co ukwemera!”. Intumwa iramwishura iti: "Ni ukwemera Imana Imwe Rudende Allah, Abamalayika bayo, Ibitabu vyayo, Intumwa zayo, umusi w'umuhero (w'isi) no kwemera ivyagezwe n'Imana vyose; ivyiza n'ibibi". Wa mugabo aca yishura ati: "Uvuze ukuri". Arasubira avuga ati: "Nyiganira ico ari co ubugwaneza!”. Intumwa imubwira iti: "Ubugwaneza ni ukwiyegereza Imana Allah mu kuyisenga (mw'ituze) nk'uko woba uyibona (imbere yawe), maze (ukamenya ko) wewe niwaba utayibona (imbonankubone), Yoyo Irakubona". Yashikirijwe na Muslimu.

## UBWISLAMU

**Ubwislamu nyabwo**

Ubwislamu ni ukwishikana ku Mana Allah mu kuyisenga utayibangikanya, ukayikurikira mu kuyumvira, n'ukwiyamiriza ibangikanyamana n'abarigira.

Umuntu ntashobora kuba umwislamu vy'ukuri, mu gihe atarishikana ku Mana Allah mu kwicisha bugufi no kuyumvira. Umuntu wese atarasenga Imana Imwe Rudende, ataricisha bugufi mu kuyumvira canke atiyamiriza ibangikanyamana n'abayibangikanya, uyo si umwislamu.

**Inkingi z'ubwislamu**

Inkingi z'ubwislamu ni zitanu:

- Ukwemanga, ukemera ko ata yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Imana Imwe Rudende Allah, n'uko Muhamadi ari Intumwa y'Imana Allah.
- Ugutsimbataza amasengesho (atanu ku musi).
- Ugutanga ishikanwa-bwirizwa (ZAKAT).
- Ukwipfunga mu kwezi gutagatifu kwa Ramadhani.
- Ugushengerera ingoro ntagatifu y'Imana Allah iri i Makka.

Izo rero ni zo nkingi zitanu ubwislamu bwubakiyeko. Nk'uko biri mu nyigisho y'intumwa, yakiriwe na Abdullahi mwene Omari (Imana Allah Ibishimire bompi), avuga ati: "Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaravuze iti:

”بُنِيَ الْإِسْلَامُ عَلَـى خَمْسٍ شَهَادَةِ أَنْ لَا إِلَهَ إِلَّا اللَّهُ وَأَنَّ مُحَمَّدًا رَسُولُ اللَّهِ وَإِقَامِ الصَّلَاةِ وَإِيتَاءِ الزَّكَاةِ وَالْحَجِّ وَصَوْمِ رَمَضَانَ“

"Ubwislamu bwubakiye ku nkingi zitanu: Ukwemanga, ukemera ko ata yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Imana Allah, kandi ko Muhamadi ari Intumwa y'Imana Allah, gutsimbataza amasengesho, gutanga ishikanwa-bwirizwa (ZAKAT), gushengerera ingoro ntagatifu y'Imana Allah iri i Makka n'ukwipfunga mu kwezi kwa Ramadhani"". Yashikirijwe na Muslimu.

Abamenyi barahurije ku kintu kimwe c'uko umuntu aretse izo nkingi zose, nta nkeka ko ari umuhakanyi, bimukura mu bwislamu, n'aho yokwiyita ko ari umwislamu.

Ni nk'uko kandi bahurije ko ari umuhakanyi, umuntu wese ahakanye inkingi n'imwe muri izo.

Vyongeye, barahuriza ko ari umuhakanyi, umuntu aretse kwemanga akemera ko ata yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Imana Allah n'uko Muhamadi ari Intumwa y'Imana Allah, haba kureka kuvyemanga mu mvugo, mu kwemera kwiwe canke agakora ico cose coza gisenyura ukwemanga n'ukwemera.

Nayo ku vyerekeye isengesho, ukuri ni uko abamenyi bemeza ko umuntu wese ahevye gusenga ari umuhakanyi. Ivyo bakabivuga bisunze inyigisho y'intumwa ivuga iti: “إِنَّ بَيْنَ الرَّجُلِ وَبَيْنَ الشِّرْكِ وَالْكُفْرِ تَرْكَ الصَّلَاةِ”

"Mu vy'ukuri, itandukaniro riri hagati y'umuntu yemera Imana n'umubangikanyamana hamwe n'umuhakanyi, ni ukureka gusenga". Yashikirijwe na Muslimu.

Nayo ku bijanye n'ukureka gutanga ishikanwa-bwirizwa (ZAKAT), kwipfunga no gushengerera ingoro y'Imana; hari imvugo zibiri z'abamenyi ku bijanye n'ingingo yavyo.

**Insinguro y'inkingi z'ubwislamu**

**Inkingi ya mbere: Ukwemanga no kwemera ibintu bibiri “SHAHAADATAANI”**

**a. Ukwemanga no kwemera ko ata yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Imana Imwe Rudende Allah**

**1. Insiguro y'ijambo “LAA ILAAHA ILLA LLAAHU”**

Iryo jambo risigura ko ata yindi mana ibwirijwe gusengwa vy'ukuri atari Imana Imwe Rudende Allah.

**“AL-ILAAHU”** ni Imana Isengwa, Ikumvirwa, imitima y'ibiremwa ikayiyumvamwo ko ari Yo Mana, ku mvo z'urukundo, icubahiro, ubudahangarwa, kwicisha bugufi, kwizera no kwishira mu minwe yayo.

**2. Inkingi z'ijambo “LAA ILAAHA ILLA LLAAHU”**

Iryo jambo rigizwe n'inkingi zibiri:

- Uguhakana.
- Ukwemeza.

“LAA ILAAHA”: Iki gice c'ijambo, gihakana ico cose gisengwa biciye kubiri n'Imana Allah, kuko nta kintu na kimwe gitegerejwe gusengwa atari Imana Allah.

“ILLA LLAAHU”: Iri jambo ryemeza ko gusengwa ari ukw'Imana Imwe Rudende Allah. Ni na Yo Mana y'ukuri Ibwirijwe gusengwa.

Ijambo “LAA ILAAHA ILLA LLAAHU” rero risaba ukwemera no gusenga Imana Imwe Rudende Yonyene, no kuvavanura n'ibangikanyamana n'ibirituma vyose.

### 3. Ibisabwa n'ijambo "LAA ILAAHA ILLA LLAAHU" (SHARTI)

Kugira iryo jambo umuntu arivuze rimubere ngirakamaro, ategerezwa kuba akwije ibintu bisabwa indwi:

1. Kumenya insiguro yaryo, ivyo rihakana n'ivyo ryemeza, bizira ubujuju. Imana Nyenintsinzi Nyenicubahiro Yaravuze Iti: {فَاعْلَمْ أَنَّهُ لَا إِلَهَ إِلَّا اللَّهُ}

"Menya neza ko ata yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Imana Imwe Rudende Allah" (Muhammad:19).

Nk'uko vyakiriwe na Uthmani (Imana Allah Imwishimire) yaravuze ati: "Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaravuze iti: "مَنْ مَاتَ وَهُوَ يَعْلَمُ أَنَّهُ لاَ إِلٰهَ إِلاَّ الله دَخَلَ الْجَنَّةَ"

"Umuntu wese azopfa azi neza ko ata yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Imana Allah, azokwinjira mu Bwami bw'ijuru". Yashikirijwe na Muslimu.

2. Kuryemera bizira amakenga.

Imana Nyenicubahiro Yaravuze Iti:

{إِنَّمَا الْمُؤْمِنُونَ الَّذِينَ آمَنُوا بِاللَّهِ وَرَسُولِهِ ثُمَّ لَمْ يَرْتَابُوا}

"Abemeramana vy'ukuri, ni barya bemera Imana Allah n'Intumwa yayo, hanyuma ntibashidikanye (mu kwemera kwabo)" (Al-Hujuraat: 15).

3. Kwakira n'umutima mwiza no kwatura ku rurimi ibisabwa n'iryo jambo:

Umuntu rero atakiriye neza iryo jambo, akaryirengagiza nkana, aharurwa mu bahakanyi. Nk'uko Imana Nyenicubahiro Ivuga Iti:

{إِنَّهُمْ كَانُوا إِذَا قِيلَ لَهُمْ لَا إِلَهَ إِلَّا اللَّهُ يَسْتَكْبِرُونَ. وَيَقُولُونَ أَئِنَّا لَتَارِكُوا آلِهَتِنَا لِشَاعِرٍ مَجْنُونٍ}

"...Abo mu vy'ukuri, igihe babwiwe bati: "Nta yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Imana Imwe Rudende Allah", bahora bavyirengagiza nkana. Bakavuga bati: "Ubwo mushaka ko tureka ibigirwamana vyacu, kugira dukurikire uwivuga amazina, asara!"" (As-Swaaffaat: 35-36).

4. Ugushira mu ngiro udahengeshanya ivyo iryo jambo ryigisha. Imana Nyenicubahiro Ivuga Iti: {وَأَنِيبُوا إِلَى رَبِّكُمْ وَأَسْلِمُوا لَهُ}

"Nimusubire ku Mana Yanyu Rurema, kandi mwishikane kuri Yo (mwicishije bugufi)" (Az-Zumar: 54). Irongera Ikavuga Iti:

{وَمَنْ يُسْلِمْ وَجْهَهُ إِلَى اللَّهِ وَهُوَ مُحْسِنٌ فَقَدِ اسْتَمْسَكَ بِالْعُرْوَةِ الْوُثْقَى}

"Uwuzokwishikana (agatumbera) ku Mana Allah, akaba ari umugwaneza, azoba yafashe ipfundo ripfunditse neza" (Luqmaan: 22).

5. Kuryemanga mu mvugo bizira ikinyoma, akarivuga rivuye vy'ukuri ku mutima. Imana Nyenicubahiro Ivuga Iti:

{الم. أَحَسِبَ النَّاسُ أَنْ يُتْرَكُوا أَنْ يَقُولُوا آَمَنَّا وَهُمْ لَا يُفْتَنُونَ. وَلَقَدْ فَتَنَّا الَّذِينَ مِنْ قَبْلِهِمْ فَلَيَعْلَمَنَّ اللَّهُ الَّذِينَ صَدَقُوا وَلَيَعْلَمَنَّ الْكَاذِبِينَ}

"ALIF LAAM MIIM. Mbega abantu bibaza ko bazorekwa uko gusa, ngo bavuge bati: "Twaremeye" bataragerageragezwa! Mu vy'ukuri, ab'aho hambere yabo, twarabagerageje kugira ngo Imana Allah Yerekane imvugakuri (muri bo, bemera vy'ukuri) Yongere Yerekane ababesha (batemanga ivyo bavuga)" (Al'Ankabuut: 1-3).

Ivyo rero, tubisanga mu nyigisho y'intumwa, yakiriwe na Mu'aadhi mwene Jabali (Imana Allah Imwishimire), avuga ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:

"مَا مِنْ أَحَدٍ يَشْهَدُ أَنْ لَا إِلَهَ إِلَّا اللَّهُ وَأَنَّ مُحَمَّدًا رَسُولُ اللَّهِ صِدْقًا مِنْ قَلْبِهِ، إِلَّا حَرَّمَهُ اللَّهُ عَلَى النَّارِ"

"Nta muntu n'umwe yemanga akemera ko ata yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Imana Imwe Rudende Allah, kandi ko Muhamadi ari Intumwa y'Imana (akabivuga) bivuye ku mutima wiwe vy'ukuri, kiretse ko Imana Yazirirrije kuri we guturirwa n'umuriro udahera". Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslimu

6. Kurivuga ku bw'Imana (wizeye impembo kuri Yo).
Nk'uko Imana Nyenicubahiro Yavuze Iti: {أَلَا لِلَّهِ الدِّينُ الْخَالِصُ}

"Emwe! Imana Allah ni Yo Nyenidini ryubahirizwa ku bwayo" (Az-Zumar: 3). Ivyo tubisanga kandi mu nyigisho y'intumwa yakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire), avuga ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:

"أَسْعَدُ النَّاس بِشَفَاعَتِي يَوْمَ القِيَامَةِ، مَنْ قَالَ: لَا إِلَهَ إِلَّا اللهُ خَالِصاً مِنْ قَلْبِهِ أو نفسه"

"Umuntu afise amahirwe gusumba abandi bantu mu bo nzovugira (ngo ntibahanwe) ku musi w'umuhero, ni wa muntu yavuga ati: "Nta yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Imana Allah, akabivuga ku bw'Imana, vy'ukuri bivuye ku mutima wiwe". Yashikirijwe na Al-Bukhariy.

7. Gukunda iryo jambo n'ivyo ryigisha vyose, no gukunda abarigendera, no kwanka akankiriza ibiciye kubiri na ryo. Imana Nyenicubahiro Ivuga Iti:

{وَمِنَ النَّاسِ مَنْ يَتَّخِذُ مِنْ دُونِ اللَّهِ أَنْدَادًا يُحِبُّونَهُمْ كَحُبِّ اللَّهِ وَالَّذِينَ آَمَنُوا أَشَدُّ حُبًّا لِلَّهِ}

"N'aho biri uko, mu bantu harimwo abirengagiza Imana Allah bakagira ibigirwamana bakunda nka kurya bategerezwa gukunda Imana Allah. Abemeye barakunda bakubaha Imana Allah kurusha" (Al-Baqara: 165).

**b. Ukwemanga ukemera ko Muhamadi ari Intumwa y'Imana**

1. **Insiguro y'ijambo "SHAHAADATU ANNA MUHAMMADAN RASUULU LLAAHI"**

Iryo jambo risigura ukwemanga udashidikanya, ukavyatura ku rurimi ko Muhamadi mwene Abdullaahi, aturuka mu muryango wa Bene Hashimu, mu bwoko bw'Abakurayshi, ari Intumwa y'Imana, yarungitswe ku bantu bose, kandi ko ari yo yasozereye Intumwa z'Imana Allah.

Imana Nyenicubahiro Ivuga Iti: {مُحَمَّدٌ رَسُولُ اللَّهِ}

"Muhamadi ni Intumwa y'Imana Allah" (Al-Fat-hi: 29). Imana Irongera Ikavuga Iti: {قُلْ يَا أَيُّهَا النَّاسُ إِنِّي رَسُولُ اللَّهِ إِلَيْكُمْ جَمِيعًا}

"Ntumwa y'Imana Muhamadi! Vuga uti: "Emwe bantu! Jewe mu vy'ukuri ndi Intumwa y'Imana Allah kuri mwebwe mwese" " (Al-A'raaf: 158).

Imana Irongera Ikavuga Iti:

{مَا كَانَ مُحَمَّدٌ أَبَا أَحَدٍ مِنْ رِجَالِكُمْ وَلَكِنْ رَسُولَ اللَّهِ وَخَاتَمَ النَّبِيِّينَ}

"Muhamadi ntiyigeze aba se w'umuntu n'umwe muri mwebwe, ahubwo ni Intumwa y'Imana Allah, akaba ari na we yasozereye izindi Ntumwa" (Al-Ahzaab: 40).

Kandi vyarakiriwe mu nyigisho y'intumwa, ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:

"فُضِّلْتُ عَلَى الأَنْبِيَاءِ بِسِتٍّ: أُعْطِيتُ جَوَامِعَ الْكَلِمِ، وَنُصِرْتُ بِالرُّعْبِ، وَأُحِلَّتْ لِيَ الْغَنَائِمُ، وَجُعِلَتْ لِيَ الأَرْضُ طَهُورًا وَمَسْجِدًا، وَأُرْسِلْتُ إِلَى الْخَلْقِ كَافَّةً، وَخُتِمَ بِيَ النَّبِيُّونَ"

"Imana Yaranteye iteka ritatewe izindi Ntumwa, mu kungenera ibintu bitandatu: Nahawe ubushobozi bw'ukuvuga amajambo make ngirakamaro (mu mvugo y'impfunyapfunyo isigura vyinshi), intsinzi iturutse ku gitinyiro n'ubwoba mu mitima y'abansi, narekuriwe gukoresha iminyago (ivyatswe abansi mu ndwano); narekuriwe gukoresha ubutaka aho ari ho hose mu kwisukura (mu gihe ata mazi) no kubusengerako, natumwe ku biremwa vyose, vyongeye ni jewe nasozereye Intumwa zose". Yashikirijwe na Muslimu.

2. **Ibiri mu kwemera ko Muhamadi ari Intumwa y'Imana**

Umuntu wese yemanga akemera ko Muhamadi ari Intumwa y'Imana ategerezwa kurangwa n'ibi bikurikira:

- Kumwumvira mu vyo yategetse;
- Kwemera ivyo vyose yigishije;
- Kwirinda gukora ivyo vyose yabujije akanavyiyamiriza;
- Gusenga Imana yisunze amategeko n'amabwirizwa y'Imana;

- Kudahirahira ngo yemere ko Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ifise ububasha bwo kubungabunga ibiremwa, kubibeshaho canke uburenganzira bwo gusengwa;
- Kumenya ko ari umuja w'Imana, adasengwa;
- Kumenya ko Intumwa y'Imana itigera ivuga ikinyoma;
- Kumenya kandi ko Intumwa y'Imana ubwayo ata co yokwimarira canke ngo ikimarire uwundi muntu canke ngo igirire nabi uwo ari we wese, kiretse Imana Allah Ibishatse. Ivyo tubisanga mu majambo y'Imana Allah, aho Ivuga Iti:

{قُلْ لَا أَقُولُ لَكُمْ عِنْدِي خَزَائِنُ اللهِ وَلَا أَعْلَمُ الْغَيْبَ وَلَا أَقُولُ لَكُمْ إِنِّي مَلَكٌ إِنْ أَتَّبِعُ إِلَّا مَا يُوحَى إِلَيَّ}

"Ntumwa y'Imana! Bwira ababangikanyamana uti: "Jewe sindigera ndababwira ko ngaba ibigega vy'Imana Allah nkabeshaho ibiremwa, eka sindigera nigira rumenyi w'ibinyegejwe ibiremwa, eka sindanababwira ko ndi umwami, ndi Intumwa y'Imana Allah, nkurikira ivyo mpishuriwe na Yo, ngaheza nkabishikiriza abantu"" (Al-An'aam:50).

Umuntu aretse gukora ivyo yigishije, canke agakora ivyo yabujije, ukwemera kwiwe ko Muhamadi ari Intumwa y'Imana kuba kurimwo agahaze. Uwugize amakenga mu vyakiriwe mu nyigisho z'Intumwa, ukwemera kwiwe kuba kurimwo agasembwa. Ni na co kimwe n'umuntu yadukanye ikintu ico ari co cose, kidasanzwe kiri mu mategeko y'idini, na we nyene ukwemera kwiwe kuba kurimwo agasembwa.

Ivyo tubisanga mu nyigisho y'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) aho ivuga iti: "مَنْ أَحْدَثَ فِي أَمْرِنَا هَذَا مَا لَيْسَ مِنْهُ فَهُوَ رَدٌّ" "Umuntu wese azokwadukana ikintu gishasha mw'idini ryacu, kidasanzwe kirimwo, ntikizokwemerwa kizomugarukako". Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslimu.

Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) irongera ikavuga iti:

"ومَنْ سَنَّ فِي الإسلام سُنَّةً سَيِّئَةً فَعُمِلَ بِهَا بَعْدَهُ كُتِبَ عَلَيْهِ مِثْلُ وزر من عَمِلَ بِهَا ولا يَنْقُصُ من أَوْزَارِهِمْ شَيْءٌ"

"N'uwuzotanguza ikintu kibi mu bwislamu, hanyuma kigashirwa mu ngiro inyuma yiwe (atakiriho), azocandikwako ivyaha bingana n'ivy'abagikoze (bandikiwe) ata kirinze kugabanywa mu vyaha vyabo". Yashikirijwe na Muslimu.

Mu yindi nyigisho, Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ivuga iti: ”وَشَرُّ الْأُمُورِ مُحْدَثَاتُهَا وَكُلُّ بِدْعَةٍ ضَلَالَةٌ“

“Ibibi mu bintu vyose, ni ivyadukano. Kandi icadukano cose mw'idini kirahuvya”. Yashikirijwe na Muslimu.

Udusembwa tugenda twiyongera mu kwemera kw'umuntu no kwubahiriza ubwislamu, uko mu kwemanga kwiwe hagenda hibonekezamwo agahaze, bigashika n'aho biba impfagusa.

**Inkingi ya kabiri: Isengesho**

Gutsimbataza isengesho, ni ugutakambira Imana Allah mu gutunganya isengesho nk'uko bitegetswe, ukubahiriza neza umwanya n'imigirwa yaryo. Isengesho ni ryo nkingi ihambaye inyuma y'ukwemera Imana Allah n'Intumwa yayo. Ni ryo rikurikira mw'ishirwa mu ngiro inyuma y'uguhamagarira abantu kwemera Imana Imwe Rudende Allah.

Nk'uko vyakiriwe mu nyigisho y'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), igihe yatuma Mu'aadhi (Imana Allah Imwishimire) mu gihugu ca Yemeni, yamubwiye iti:

”إِنَّكَ تَأْتِي قَوْمًا مِنْ أَهْلِ الْكِتَابِ فَادْعُهُمْ إِلَى شَهَادَةِ أَنْ لَا إِلَهَ إِلا اللَّهُ وَأَنِّي رَسُولُ اللَّهِ فَإِنْ هُمْ أَطَاعُوا لِذَلِكَ فَأَعْلِمْهُمْ أَنَّ اللَّهَ افْتَرَضَ عَلَيْهِمْ خَمْسَ صَلَوَاتٍ فِي كُلِّ يَوْمٍ وَلَيْلَةٍ“

“Mu vy'ukuri, wewe utumwe ku bantu bahawe Igitabu. Niwashika, uraheza ubahamagarire kwemera ata gushidikanya ko ata yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Imana Allah, kandi ko jewe ndi Intumwa y'Imana Allah. Bamaze kukwumvira kuri ivyo, uraheza ubamenyeshe ko Imana Allah Yabategetse gutsimbataza amasengesho-bwirizwa atanu ku musi, ijoro n'umurango”. Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslimu.

Imana na Yo Irongera Ikavuga Iti: {إِنَّ الصَّلَاةَ كَانَتْ عَلَى الْمُؤْمِنِينَ كِتَابًا مَوْقُوتًا}

“Mu vy'ukuri, isengesho ryategetswe ku mwanya nyezina ku bemeramana” (An-Nisaa-i: 103).

Isengesho ritera umunezero abemera, rikabatururuza, rikabatuma bareka gukora ivyaha.

Isengesho kandi, ni ryo ritandukanya umwislamu n'umuhakanyi. Nk'uko tubisanga mu nyigisho y'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), aho ivuga iti: ”إِنَّ بَيْنَ الرَّجُلِ وَبَيْنَ الشِّرْكِ وَالْكُفْرِ تَرْكَ الصَّلَاةِ“

"Mu vy'ukuri, itandukaniro riri hagati y'umuntu yemera Imana n'umubangikanyamana hamwe n'umuhakanyi, ni ukureka (uguheba) gusenga". Yashikirijwe na Muslimu.

Mu yindi nyigisho y'intumwa, Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: havuga hati:

"الْعَهْدُ الَّذِي بَيْنَنَا وَبَيْنَهُمُ الصَّلاَةُ فَمَنْ تَرَكَهَا فَقَدْ كَفَرَ"

"Isezerano ridutandukanya n'abahakanyi ni isengesho. Kubera ivyo rero, umuntu azoriheba azoba abaye umuhakanyi". Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy.

Mu bitwereka ikibanza gihambaye ingendanyi zaha isengesho, ni ijambo ryavuzwe na Abdullahi mwene Shaqiq, avuga ati:

"كَانَ أَصْحَابُ رَسُوْلِ اللهِ صَلَّى اللهُ عَلَيْهِ وَسَلَّمَ لَا يَرَوْنَ شَيْئًا مِنَ الْأَعْمَالِ تَرْكُهُ كُفْرًا غَيْرَ الصَّلَاةِ"

"Nta kintu na kimwe mu bikorwa vyose bibaho, ingendanyi z'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) zabona ko kukireka ari ubuhakanyi, nko gusenga". Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy.

**Inkingi ya gatatu: Gutanga ishikanwa-bwirizwa (ZAKAT)**

Ishikanwa rivugwa aha, ni ukwicisha bugufi ku Mana Allah mu gutanga igice gitegekanijwe mu matungo atangwamwo ishikanwa-bwirizwa. Imana Nyenicubahiro Ivuga Iti:

{خُذْ مِنْ أَمْوَالِهِمْ صَدَقَةً تُطَهِّرُهُمْ وَتُزَكِّيهِمْ بِهَا وَصَلِّ عَلَيْهِمْ إِنَّ صَلَاتَكَ سَكَنٌ لَهُمْ وَاللَّهُ سَمِيعٌ عَلِيمٌ}

"Tora mu matungo yabo ishikanwa-bwirizwa, kugira ngo ubasukure unabeze ivyaha vyabo, wongere ubasabire imigisha. Mu vy'ukuri, igisabisho cawe ni ryo tuze kuri bo, Imana Allah Irumva kandi Irazi vyose" (At-Tawba: 103).

Ishikanwa ryeza umutima w'umuntu, rikamubuza kuba ingumyi, rigatuma haba ugusabikanya hagati y'abislamu mu gufasha aboro n'abakene. Ni kuri iyo mpamvu hategekanijwe ibihano bikomeye, ku muntu wese yigize ingumyi, ntatange iryo shikanwa. Imana Allah Ivuga Iti:

{وَالَّذِينَ يَكْنِزُونَ الذَّهَبَ وَالْفِضَّةَ وَلَا يُنْفِقُونَهَا فِي سَبِيلِ اللَّهِ فَبَشِّرْهُمْ بِعَذَابٍ أَلِيمٍ}

"N'abo bose babika bakaziganya inzahabu n'umwakaka (amahera), ntibabitangire ishikanwa mu nzira y'Imana Allah, bamenyeshe inkuru nziza yuko bategekanirijwe ibihano ruhasha" (At-Tawba: 34).

Umuntu yanse kuritanga, ararwanywa (gushika aritange). Ni kuri iyo mvo ingendanyi Abu Bakari (Imana Allah Imwishimire), yigeze kurwanya abanse gutanga ishikanwa yisunze ijambo ry'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), rivuga riti:

"أُمِرْتُ أَنْ أُقَاتِلَ النَّاسَ حَتَّى يَشْهَدُوا أَنْ لاَ إِلَهَ إِلاَّ اللهُ، وَأَنَّ مُحَمَّدًا رَسُولُ اللهِ. وَيُقِيمُوا الصَّلاَةَ وَيُؤْتُوا الزَّكَاةَ. فَإِذَا فَعَلُوا عَصَمُوا مِنِّي دِمَاءَهُمْ وَأَمْوَالَهُمْ إِلاَّ بِحَقِّ الإِسْلامِ وَحِسَابُهُمْ عَلَى اللهِ"

"Nategetswe kurwanya abantu, gushika bemeye ko ata yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Imana Imwe Rudende Allah, kandi ko Muhamadi ari Intumwa

y'Imana, bongere batsimbataze amasengesho (atanu ku musi), banatange ishikanwa-bwirizwa. Mu gihe ivyo bobikora, amaraso yabo n'amatungo yabo bazoba babikingiye, kiretse ivyo ubwislamu bubasaba, ahasigaye bazoharurirwa impera yabo n'Imana Allah". Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslimu.

**Inkingi ya kane: Kwipfunga ukwezi kwa Ramadhani**

Intumbero y'ukwipfunga ukwezi kwa Ramadhani ni ukwicisha bugufi ku Mana Allah, mu kwigumya ku murango w'ukwezi kwa Ramadhani, kudakora ivyononа amapfungo. Kwipfunga bimenyereza umuntu kureka ivyipfuzo vyiwe, mu ntumbero yo kurondera gushimwa n'Imana Allah, bikamushikana ku gutinya no kugamburukira Imana Allah. Imana Nyenicubahiro Ivuga Iti:

{يَا أَيُّهَا الَّذِينَ آمَنُوا كُتِبَ عَلَيْكُمُ الصِّيَامُ كَمَا كُتِبَ عَلَى الَّذِينَ مِنْ قَبْلِكُمْ لَعَلَّكُمْ تَتَّقُونَ}

"Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Mwarategetswe kwipfunga nk'uko bategetswe ab'aho hambere yanyu, kugira ngo mutinye Imana Allah muyigamburukire" (Al-Baqara: 183).

**Inkingi ya gatanu: Gushengerera ingoro ntagatifu iri i Makka (Hijja)**

Gushengerera ingoro ntagatifu y'Imana, ni ukwiyegereza Imana Allah mu gufata urugendo ku bw'Imana, ugana ingoro ntagatifu y'Imana Allah kugira ngo utunganye ibikorwa vyo guhiji, aho vyagenewe, ku mwanya wavyo nk'uko vyategetswe. Imana Allah Ivuga Iti:

{وَلِلَّهِ عَلَى النَّاسِ حِجُّ الْبَيْتِ مَنِ اسْتَطَاعَ إِلَيْهِ سَبِيلًا وَمَنْ كَفَرَ فَإِنَّ اللَّهَ غَنِيٌّ عَنِ الْعَالَمِينَ}

"Imana Allah Yarategetse uwo wese mu bantu bafise ubushobozi, kuja gushengerera iyo ngoro. Uwuhakanye ibwirizwa ryo gushengerera iyo ngoro aba agararije. Burya Imana Allah Irikenuye, nta co Ikeneye ku biremwa" (Aali Imraani: 97). Mu nyigisho y'intumwa, Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: y'mana Allah (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ivuga iti:

"أَيُّهَا النَّاسُ قَدْ فَرَضَ اللَّهُ عَلَيْكُمُ الْحَجَّ فَحُجُّوا"

"Emwe bantu! Mu vy'ukuri, mwarategetswe kuja guhiji, muragenda rero guhiji". Yashikirijwe na Muslimu.

Imana Yategetse umwislamu abishoboye, kuja gushengerera ingoro ntagatifu iri i Makka, ko vyoba ibwirizwa rimwe risa mu buzima.

## UKWEMERA (AL-IIMAAN)

**Ukwemera nya kwemera**

Ukwemera mu rurimi rw'icarabu, ni ugushimangira ikintu.

Mu nsiguro nyezina, ni ukwatura n'ururimi, biturutse ku mutima, bigashirwa mu ngiro n'ibihimba vy'umubiri. Ukwemera kuriyongera bitewe n'ukwumvira Imana Allah, kukagabanuka bitewe n'ukuyigambararira.

Icemeza ko ukwemera gutegerezwa kwaturwa ku rurimi, ni ijambo ry'Imana, aho Ivuga Iti: {قُولُوا آمَنَّا بِاللَّهِ وَمَا أُنْزِلَ إِلَيْنَا}

"Nimuvuge muti: "Twaremeye Imana Allah n'ivyo Yatumanuriye"" (Al-Baqara: 136).

Icemeza ko ukwemera guturuka mu mutima, ni ijambo ry'Imana rivuga riti: {وَلَمَّا يَدْخُلِ الْإِيمَانُ فِي قُلُوبِكُمْ}

"Ntimuragira ukwemera mu mitima yanyu" (Al-Hujuraat: 14).

Icemeza ko ibikorwa ari vyo vyerekana ukwemera, ni ijambo ry'Imana aho Ivuga Iti: {وَمَا كَانَ اللَّهُ لِيُضِيعَ إِيمَانَكُمْ}

"Kandi Imana Allah ntiyari kugira impfagusa ukwemera kwanyu ngo ntibemerere amasengesho yanyu mwasenze mugitumbera "Baytu l-Maqdis"" (Al-Baqara: 143).

Ijambo "ukwemera" aha, risigura amasengesho basenga batumbereye "BAYTU L-MAQDIS" iri muri Palestina, Imana Allah rero, Yise amasengesho ukwemera.

Mu bindi vyemezo biri mu nyigisho z'intumwa vyerekana ko ukwemera bituruka mu mutima, bikaturwa n'ururimi, bigashirwa mu ngiro n'ibihimba vy'umubiri, ni iri jambo ry'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) aho ivuga iti:

"الْإِيمَانُ بِضْعٌ وَسَبْعُونَ أَوْ بِضْعٌ وَسِتُّونَ شُعْبَةً، فَأَفْضَلُهَا قَوْلُ لَا إِلَهَ إِلَّا اللَّهُ، وَأَدْنَاهَا إِمَاطَةُ الْأَذَى عَنْ الطَّرِيقِ، وَالْحَيَاءُ شُعْبَةٌ مِنْ الْإِيمَانِ"

"Ukwemera gufise imice mirongo indwi n'iyindi, canke mirongo itandatu n'iyindi; umuce uri hejuru ya yose ni ijambo ry'ukwemanga "LAA ILAAHA ILLA LLAAHU": (Nta yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Imana Imwe Rudende Allah); umuce muri yo ubayabaye, ni ugukura mu nzira icobangamira abarengana; burya no kugira isoni, ni kimwe mu mice y'ukwemera". Yashikirijwe na Muslimu.

Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) irongera ikavuga iti:

”مَنْ رَأَى مِنْكُمْ مُنْكَرًا فَلْيُغَيِّرْهُ بِيَدِهِ، فَإِنْ لَمْ يَسْتَطِعْ فَبِلِسَانِهِ، فَإِنْ لَمْ يَسْتَطِعْ فَبِقَلْبِهِ، وَذَلِكَ أَضْعَفُ الْإِيمَانِ“

"Umuntu wese azobona hariko harakorwa ikintu kibujijwe, arakibuza akoresheje inguvu z'amaboko yiwe; mu gihe atabishoboye, aramamama n'ururimi rwiwe; mu gihe atabishoboye, aracanka, aciyamirize ku mutima wiwe, iki na co ni kwo kwemera guke”. Yashikirijwe na Muslimu.

Muri iri iyi nyigisho y'intumwa, harimwo icemeza ko ukwemera kuba mu mutima, ku rurimi, no mu bikorwa, kandi ko ukwemera kugenda gusumbasumbana.

Mu vyemezo vyerekana ko ukwemera kwongerekana bitewe n'ukwumvira Imana Allah, ni ijambo ry'Imana Allah, aho Ivuga Iti:

{وَإِذَا تُلِيَتْ عَلَيْهِمْ آيَاتُهُ زَادَتْهُمْ إِيمَانًا وَعَلَى رَبِّهِمْ يَتَوَكَّلُونَ}

"Iyo na ho basomewe Ayah zayo ziri muri Qor'ani zibongerereza ukwemera ku kwemera basanganwe, kandi bizera Imana yabo Rurema Allah " (Al-Anfaal: 2).

**Inkingi z'ukwemera**

Inkingi z'ukwemera ni zitandatu. Na zo ni izi:

1. Ukwemera Imana Imwe Rudende Allah.
2. Ukwemera abamalayika.
3. Ukwemera ibitabu (vy'Imana).
4. Ukwemera Intumwa (z'Imana).
5. Ukwemera umusi w'umuhero w'isi.
6. Ukwemera ivyagezwe n'Imana, vyaba ivyiza canke ibibi.

Izo nkingi zemezwa n'inyigisho y'umumalayika Jibrili, twamaze gusigura[2].

Mu bindi vyemezo, ni ijambo ry'Imana Allah, aho Ivuga Iti:

{كُلٌّ آمَنَ بِاللَّهِ وَمَلَائِكَتِهِ وَكُتُبِهِ وَرُسُلِهِ لَا نُفَرِّقُ بَيْنَ أَحَدٍ مِنْ رُسُلِهِ}

“Uwo ari we wese muri bo yaremeye Imana Allah, abamalayika bayo, Ibitabu vyayo n'Intumwa zayo zose, bavuga bati: “Ntituvangura n'umwe mu kwemera Intumwa zayo””. (Al-Baqara: 285)

Imana Allah Irongera Ikavuga Iti:

{وَمَنْ يَكْفُرْ بِاللَّهِ وَمَلَائِكَتِهِ وَكُتُبِهِ وَرُسُلِهِ وَالْيَوْمِ الْآخِرِ فَقَدْ ضَلَّ ضَلَالًا بَعِيدًا}

[2] Raba ku rukurikirane rw'urupapuro rwa 10.

“Uwuzogarariza Imana Allah, abamalayika bayo, Ibitabu vyayo, n’Intumwa zayo, n’umusi w’umuhero w’isi, uyo mu vy’ukuri, azoba azimiye ukuzimira kumushikana kure cane (y'ukuri)” (An-Nisaa-i: 136).

Imana Allah Irongera Ikavuga Iti:

{لَيْسَ الْبِرَّ أَنْ تُوَلُّوا وُجُوهَكُمْ قِبَلَ الْمَشْرِقِ وَالْمَغْرِبِ وَلَكِنَّ الْبِرَّ مَنْ آمَنَ بِاللَّهِ وَالْيَوْمِ الْآخِرِ وَالْمَلَائِكَةِ وَالْكِتَابِ وَالنَّبِيِّينَ}

“ Ineza nya neza, si ugutumbera mu buseruko no mu burengero gusa (mu gusenga), ariko ineza nyayo ni ukwemera Imana Allah akanemera n'umusi w'umuhero w’isi, abamalayika, Ibitabu (vy’Imana) n’Abavugishwamana (batumwe n’Imana Allah)”. (Al-Baqara: 177)

Imana Allah Irongera Ikavuga Iti: {إِنَّا كُلَّ شَيْءٍ خَلَقْنَاهُ بِقَدَرٍ}

“Mu vy'ukuri, Twebwe Allah ikintu cose Twaremye Twaragitegekanirije uko kizobaho” (Al-Qamar: 49).

Izo nkingi, amadini yose (akomoka ku Mana) yarazihurijeko. Ukwemera kw'umuntu ntigutungana, kiretse igihe yemeye, akagendera izo nkingi zose. Umuntu iyo ahakanye canke akagira amakenga ku nkingi imwe gusa muri zo, aba avuye mu kwemera, aguye mu buhakanyi, Imana Allah Ibiturinde.

**Insiguro y'inkingi z'ukwemera**

**1. Ukwemera Imana Allah**

Ukwemera Imana Allah, ni ukwemanga kuzira amakenga, ko Imana Allah ari Yo Mubungabunzi w'ibintu vyose, Umugabe wavyo, Ikaba ari na Yo Muremyi wavyo, ni Yo Yonyene Ikwiriye gusengwa, Ikagira amatazirano (n'amazina) yose meza azira akanenge; ivyo rero ugategerezwa kuvyemera no kubigaragaza mu kubishira mu ngiro.

Muri iyo nsiguro, dusangamwo ukwemera mu mice yakwo itatu:

a. TAWHIIDU RUBUUBIYYA.
b. TAWHIIDU L-ULUUHIYYA.
c. TAWHIIDU L-ASMAA-I WAS-SWIFAATI.

**TAWHIIDU RUBUUBIYYA** rero, ni ukwemera Imana Imwe Rudende Allah mu kutayibangikanya mu bikorwa vyayo, bikaba ari ukwemanga ko ari Yo Yonyene Rurema, Rugaba, Mubeshaho w'ibiremwa, ni Yo Yica Igakiza. Imana Allah Ivuga Iti: {أَلَا لَهُ الْخَلْقُ وَالْأَمْرُ تَبَارَكَ اللَّهُ رَبُّ الْعَالَمِينَ}

“Ehe bantu! Imana ni Yo nyene kurema, nyene gutunganiriza ibiremwa, Imana Allah nihabwe icubahiro, Umubungabunzi w'ibiremwa vyose” (Al-A'raaf: 54).

**TAWHIIDU L-ULUUHIYYA**, ni ukwemera Imana Imwe Rudende Allah, ko ari Yo Ibwirijwe gusengwa, Itabangikanywa mu gusengwa. Imana Allah Ivuga Iti: {يَا أَيُّهَا النَّاسُ اعْبُدُوا رَبَّكُمُ الَّذِي خَلَقَكُمْ وَالَّذِينَ مِنْ قَبْلِكُمْ لَعَلَّكُمْ تَتَّقُونَ}
"Emwe Bantu! Nimwiyegereze Imana yanyu Rurema Allah mu kuyisenga, Yo Yabaremye Ikarema n'abo aho hambere yanyu kugira ngo muyitinye muyigamburukire" (Al-Baqara: 21).

Irongera Ikavuga Iti: {إِيَّاكَ نَعْبُدُ وَإِيَّاكَ نَسْتَعِينُ}
"Ni Wewe gusa Mana dusenga mu gukora ivyo ku kwiyegereza, kandi ni Wewe gusa Mana dusaba imfashanyo" (Al-Faatiha: 5).

**TAWHIIDU L-ASMAA-I WAS-SWIFAATI**, ni ukwemera Imana Imwe Rudende Allah, ko Ifise amazina meza n'amatazirano akwiranye n'icubahiro cayo. Gutyo rero, ni ngombwa ko umuntu atazira Imana Allah nk'uko Yo Yonyene Yitaziriye, canke nk'uko Intumwa yayo (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yayitaziriye, utarinze kuyigereranya n'amatazirano y'ibiremwa, kuyirengagiza canke kuyasigura ukutariko.

Imana Allah Ivuga Iti: {لَيْسَ كَمِثْلِهِ شَيْءٌ وَهُوَ السَّمِيعُ الْبَصِيرُ}
"Imana Allah ntigereranywa n'ikintu na kimwe, kandi Irumva, Irabona" (As-Shuuraa: 11).

Imana Allah Irongera Ikavuga Iti:
{وَلِلَّهِ الْأَسْمَاءُ الْحُسْنَى فَادْعُوهُ بِهَا وَذَرُوا الَّذِينَ يُلْحِدُونَ فِي أَسْمَائِهِ سَيُجْزَوْنَ مَا كَانُوا يَعْمَلُونَ}
"Imana Allah Irafise amazina meza cane, nimuyisabe muyakoresheje, mwitandukanye n'abatosekaza amazina yayo, bazohembwa ku vyo bahora bakora kw'isi" (Al-A'raaf: 180).

## 2. Ukwemera abamalayika

### a. Insiguro y'abamalayika

Abamalayika ni ibiremwa bitaboneka, bifise ukuntu bibayeho, ntibifungura ntibinywa, birafise ubushobozi bwo kwiremarema mu buryo butandukanye; vyaremwe mu muco, vyahawe ingabirano yo kwumvira no gukurikiza itegeko ry'Imana Allah uko riri (bitariciye kubiri). Nta bintu vyisangije (mu bindi biremwa), vyotuma bihabwa icubahiro c'ububungabunzi bw'ibiremwa, canke c'ugusengwa (nk'Imana Allah).

Imana Allah Ivuga Iti:

{وَمَنْ عِنْدَهُ لَا يَسْتَكْبِرُونَ عَنْ عِبَادَتِهِ وَلَا يَسْتَحْسِرُونَ. يُسَبِّحُونَ اللَّيْلَ وَالنَّهَارَ لَا يَفْتُرُونَ}

"Abamalayika bari kumwe (n'Imana Allah) ntibahengeshanya mu kuyisenga, kandi ntibanebwa. Barayihayagiza bayininahaza ijoro n'umurango, ntibigera badebukirwa na gato" (Al-Ambiyaa-i: 19-20).

Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) na yo yaravuze iti:

"خُلِقَتِ الْمَلَائِكَةُ مِنْ نُورٍ، وَخُلِقَ الْجَانُّ مِنْ مَارِجٍ مِنْ نَارٍ، وَخُلِقَ آدَمُ مِمَّا وُصِفَ لَكُمْ"

"Abamalayika baremwe mu muco, amajini aremwa mu rubeya rw'umuriro, Adamu na we aremwa mw'ivu". Yashikirijwe na Muslimu.

Nta n'umwe azi igitigiri c'abamalayika, atari Imana Allah. Imana Ivuga Iti: {وَمَا يَعْلَمُ جُنُودَ رَبِّكَ إِلَّا هُوَ}

"Nta n'umwe rero azi igitigiri c'ingabo z'Imana (mu bamalayika) atari Imana Yonyene" (Al-Muddatthir: 31).

### b. Ibiri mu kwemera abamalayika

Ukwemera abamalayika kurimwo ibi bikurikira:

- Kwemera ukubaho kwabo;
- Kwemera bamwebamwe twabwiwe amazina yabo ku mazina yabo; nka Jibrili, Mikaili, na Israfiili n'abandi bose tutazi amazina dutegerezwa kubemera mu kivunga;
- Kwemera ibizwi, mu vyerekeye ukuntu baremwe;
- Kwemera ibizwi, mu vyerekeye amabanga n'ibikorwa bajejwe.

### c. Amwe mu mazina yabo

Amwe mu mazina yabo tuzi ni aya akurikira:

- Jibrili: umumalayika ajejwe ivyerekeye uguhishurira Intumwa;
- Mikaili: ajejwe imvura n'ingaburo;
- Israfiili: ajejwe kuvuza inzamba (yo guhonya isi no kuzuka);

- Maliki: umwungere w'umuriro;
- Munkari na Nakiri: bajejwe ibibera mu mva gushika kuzuka;
- Haruti na Maruti.

**d. Mu bibaranga mu ndemo**

Ku vyerekeye ukuntu abamalayika baremye, hari bimwebimwe vyavuzwe muri Qor'ani n'inyigisho z'intumwa. Muri ivyo:
Ni uko bafise amababa; Imana Allah Yavuze Iti:

{جَاعِلِ الْمَلَائِكَةِ رُسُلًا أُولِي أَجْنِحَةٍ مَثْنَى وَثُلَاثَ وَرُبَاعَ}

"Imana Allah Yaremye mu bamalayika Intumwa zifise amababa abiri abiri, atatu atatu, n'ane ane" (Faatwir: 1).

Ko bafise inkomezi zidasanzwe, ntibigera bahengeshanya mu gusenga Imana Yabo Rurema, ntibafungura, ntibanywa.

Ko bafise ubwenge, bumva, babona bakanavuga. Bafise amaboko n'amaguru, baraduga (mw'ijuru) bakamanuka (kw'isi), barinjira (mu mazu), barabangamirwa (n'ibibangamira abantu), baranezerwa, barashavura, barumva isoni, barasabira abemeramana, basabira amahoro n'impuhwe Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), bagasabira kandi abasengera ku murongo wa mbere mu masengesho (atanu), bagasabira abasengera iburyo bw'imirongo, n'uwicaye akaguma aho yasengeye isengesho ryo mu mutwenzi gushika izuba riserutse, n'abavyuka kurya imbere yuko umutwenzi ukika mu mapfungo (kurya idaku).

**e. Amabanga n'ibikorwa bajejwe**

Umumalayika wese arafise igikorwa kimwega n'amabanga ajejwe. Amwe muri ayo mabanga ni aya akurikira:

- Abamalayika bajejwe impuhwe;
- Abamalayika bajejwe ibihano;
- Abamalayika bajejwe kwandika ibikorwa vya Bene Adamu (kiremwa-muntu);
- Abamalayika bajejwe ibicu (vy'imvura) n'umuyaga;
- Abamalayika bareruye ubuhangamo bw'Imana (Arshi);
- Abamalayika bahagarariye Ubwami bw'ijuru n'umuriro udahera;
- Umumalayika ajejwe guhishura;
- Umumalayika ajejwe urupfu;
- Umumalayika ajejwe kuvuza inzamba;
- Umumalayika ajejwe imisozi.

**f. Inyungu z'ukwemera abamalayika**

Ukwemera abamalayika kurimwo inyungu nta ngere. Zimwe muri zo ni izi zikurikira:

- Kumenya icubahiro n'inguvu n'ubuhangange bw'Imana Allah; kuko icubahiro c'ikiremwa gikomoka ku cubahiro c'Umuremyi.
- Gukengurukira Imana Allah ku mwitwarariko wayo kuri Bene Adamu, kuba Yashizeho bamwe muri abo bamalayika, kugira babacungere, abandi bandike ibikorwa vyabo n'ibindi vya nkenerwa babakorera.
- Gukunda abamalayika, bitewe n'umwitwarariko wabo wo gusenga Imana Allah.

**3. Ukwemera Ibitabu vy'Imana Allah**

**1) Insiguro y'ukwemera Ibitabu**

Ukwemera Ibitabu, ni ukwemanga ata gukekeranya, ko Imana Allah Ifise Ibitabu Yarungikanye Abavugishwamana n'Intumwa zayo; ivyo Bitabu harimwo amajambo y'ukuri y'Imana Allah ubwayo, ivyo Bitabu ni wo muco n'uburongozi, inyigisho zirimwo ni ukuri, kandi ivyo Bitabu vyose birunganirana.

Imana Allah Ivuga Iti: {وَقُلْ آمَنْتُ بِمَا أَنْزَلَ اللَّهُ مِنْ كِتَابٍ}

“Vuga uti: “Naremeye Ibitabu Imana Yamanuye”” (As-Shuuraa: 15).

Irongera Ikavuga iti:

{قُولُوا آمَنَّا بِاللَّهِ وَمَا أُنْزِلَ إِلَيْنَا وَمَا أُنْزِلَ إِلَى إِبْرَاهِيمَ وَإِسْمَاعِيلَ وَإِسْحَاقَ وَيَعْقُوبَ وَالْأَسْبَاطِ وَمَا أُوتِيَ مُوسَى وَعِيسَى وَمَا أُوتِيَ النَّبِيُّونَ مِنْ رَبِّهِمْ لَا نُفَرِّقُ بَيْنَ أَحَدٍ مِنْهُمْ وَنَحْنُ لَهُ مُسْلِمُونَ}

“Nimuvuge mubishure muti: “Twaremeye Imana Imwe Rudende Allah, Qor'ani Yatumanuriye n'ivyo Yamanuriye Intumwa: Ibrahimu, Ismayili, Is'haka, Yakubu n'intumwa mu ruvyaro rwiwe, Tawrati yahawe (Intumwa) Musa, Injili yahawe (Intumwa) Isa (Yezu) n'ivyahawe abavugishwamana bivuye ku Mana Umuremyi Wabo Allah. Ntituvangura uwo ari we wese muri bo (tubemera bose). Kandi twebwe ku Mana Allah turicisha bugufi tukagamburuka”” (Al-Baqara: 136).

**2) Igitigiri c'Ibitabu n'amazina yavyo**

Ibitabu Imana Allah Yamanuye nta wuzi igitigiri cavyo kiretse Yo nyene. Ni ngombwa kuvyemera vyose muri rusangi ata kivuyemwo. Nayo ku vyo tuzi amazina yavyo, tuvyemera kimwe cose kw'izina ryaco. Ivyo Bitabu ni ibi:

- ✓ Tawurati, yarungikiwe Intumwa Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah).
- ✓ Injili, yarungikiwe Intumwa Isa (Yezu), (nyakugira amahoro y'Imana Allah).

✓ Zaburi, yarungikiwe Intumwa Dawudi (nyakugira amahoro y'Imana Allah).
✓ Imizingo (y'Ibitabu), yahawe Intumwa Ibrahimu na Musa, (ba nyakugira amahoro y'Imana Allah).
✓ Qor'ani ntagatifu, yarungikiwe Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

Imana Allah Ivuga Iti:

{نَزَّلَ عَلَيْكَ الْكِتَابَ بِالْحَقِّ مُصَدِّقًا لِمَا بَيْنَ يَدَيْهِ وَأَنْزَلَ التَّوْرَاةَ وَالْإِنْجِيلَ. مِنْ قَبْلُ هُدًى لِلنَّاسِ وَأَنْزَلَ الْفُرْقَانَ}

"Yakumanuriye Igitabu mu vy'ukuri kitagiramwo amakenga, cemeza ukuri kw'ibiri mu Bitabu vyo hambere yaco, yaranamanuriye Intumwa Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah) Tawurati, Inamanurira Intumwa Isa (nyakugira amahoro y'Imana Allah) Injili; imbere yuko Imanura Qor'ani, kugira ngo Irongore abantu mu nzira yayo; Iraheza Imanura Qor'ani itandukanya ukuri n'ikinyoma" (Aali Imraan: 3 - 4).

Imana Irongera Ikavuga Iti: {وَآتَيْنَا دَاوُودَ زَبُورًا}

"Na Dawudi (nyakugira amahoro y'Imana Allah) Twamuhaye Zaburi" (Al-Israa-i: 55).

Imana Iranavuga kandi Iti: { إِنَّ هَٰذَا لَفِي ٱلصُّحُفِ ٱلْأُولَىٰ. صُحُفِ إِبْرَٰهِيمَ وَمُوسَىٰ }

"Mu vy'ukuri, ivyo vyose mwadondaguriwe muri iki gisomwa, biri no mu Bitabu vy'aho hambere ya Qor'ani; Mu mizingo y'Intumwa z'Imana Ibrahimu na Musa (za nyakugira amahoro y'Imana Allah)" (Al-A'laa: 18-19).

**3) Ihindagurwa ry'Ibitabu vyo hambere**

Ibitabu vyo hambere, Qor'ani itarahishurwa, vyose vyarahindaguwe. Imana Allah Ivuga iti:

{أَفَتَطْمَعُونَ أَنْ يُؤْمِنُوا لَكُمْ وَقَدْ كَانَ فَرِيقٌ مِنْهُمْ يَسْمَعُونَ كَلَامَ اللَّهِ ثُمَّ يُحَرِّفُونَهُ مِنْ بَعْدِ مَا عَقَلُوهُ وَهُمْ يَعْلَمُونَ}

"Mbega burya muripfuza ko abayahudi bokwemera Intumwa yanyu Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah)! Kandi umugwi w'abamenyi muri bo wahora usoma amajambo y'Imana Allah muri Tawurati, hanyuma ukayahindura nk'uko wishakiye inyuma yaho batahuriye ukuri kurimwo kandi babizi ko barementanya" (Al-Baqara: 75).

Imana Ivuga kandi iti: {مِنَ الَّذِينَ هَادُوا يُحَرِّفُونَ الْكَلِمَ عَنْ مَوَاضِعِهِ}

"Mu Bayahudi harimwo abihaye guhindagura amajambo y'Imana Allah uko atari bayibeshera" (An-Nisaa-i: 46).

Mu vy'ukuri, abayahudi n'abanaswara barihaye guhindagura Ibitabu vy'Imana Allah, no kunyegeza bimwe mu kuri kurimwo.

Imana Allah Ivuga Iti:

{يَا أَهْلَ الْكِتَابِ قَدْ جَاءَكُمْ رَسُولُنَا يُبَيِّنُ لَكُمْ كَثِيرًا مِمَّا كُنْتُمْ تُخْفُونَ مِنَ الْكِتَابِ وَيَعْفُو عَنْ كَثِيرٍ}

"Emwe bahawe Igitabu! Intumwa yacu Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaramaze kubashikira, ibatomorera vyinshi mu vyo mwahora munyegeza abantu muri Tawurati n'Injili, iranirengagiza guserura vyinshi ata co bitwaye" (Al-Maa-ida: 15).

Abayahudi bagiye barashira mu Bitabu vy'Imana inyigisho z'ukwemera kw'ibinyoma, batazira Imana amatazirano atayibereye; nko kuba Imana Allah Inanirwa, ari Ingumyi n'ibindi. Imana Allah nihabwe icubahiro kiyikwiye.

Mu vyerekana ko ivyo Bitabu babihindaguye, ari na co gituma (uko biri ubu) bidakwiye ko tuvyitirira Imanan Allah, ni ibi bintu:

- Ni uko Ibitabu vyose vyamanuwe imbere ya Qor'ani bitakiri vya bindi vya mbere muri kamere kavyo; ivyo abantu bafise ubu ni ivyahindaguwe, vyandikwa mu zindi ndimi;
- Muri ivyo Bitabu, bagiye barasobekeranya amajambo y'Imana n'ay'abantu bwite mu nsiguro, kahise n'ibindi;
- Nta rukurikirane rw'abavyakiriye rwizewe ruhari muri kahise, kandi vyanditswe haciye igihe kirekire cane;
- Kuba hari inyandiko nyinshi z'ivyo Bitabu, vyatumye habamwo ibihushane vyinshi;
- Mu vyemezo vy'uko vyahinduwe, ni ibijanye n'ukwemera Imana n'Intumwa zayo vyuzuyemwo amahinyu.

Ni kuri iyo mpamvu, bitarekuwe kwemera no kwizera ibirimwo vyose, ivyo na vyo biri mu mice itatu:

❖ Hari ivyo tuzi ko ari ibinyoma (vyeruye), ivyo turabihakana;
❖ Hari ivyo tuzi ko ari ivy'ukuri, ivyo turavyemera;
❖ Hakaba n'ibindi ata na hamwe biri mu mategeko y'idini ryacu, ko ari ivy'ukuri canke ari ibinyoma, ivyo ntitubihakana kandi bisubiye ntituvyemera.

**4) Kwemera Igitabu gitagatifu Qor'ani**

Ni ngombwa kwemera Igitabu gitagatifu Qor'ani Imana Allah Yamanuriye Intumwa yayo Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), n'ukwemera ko ari amajambo y'ukuri y'Imana, kandi ko hari ibintu bidasanzwe biyigenga. Bimwe muri ivyo:

- Iracungerewe ku buryo ata muntu n'umwe ashobora kuyihindura.

Nk'uko Imana Allah Ivuga Iti: {إِنَّا نَحْنُ نَزَّلْنَا الذِّكْرَ وَإِنَّا لَهُ لَحَافِظُونَ}

"Mu vy'ukuri, ni Twebwe (Allah) Twahishuye Qor'ani, kandi (nta nkeka), ni Twebwe (nyene) Tuzoyicungera (nta kizokwongerwa canke ngo gikurwemwo)". (Al-Hijr: 9)

- Igizwe n'intimatima y'inyigisho z'Imana Allah, yaje gushigikira no kwemanga ivyanditswe mu Bitabu vya kera no kubitosora. Imana Allah Ivuga Iti: {وَأَنْزَلْنَا إِلَيْكَ الْكِتَابَ بِالْحَقِّ مُصَدِّقًا لِمَا بَيْنَ يَدَيْهِ مِنَ الْكِتَابِ وَمُهَيْمِنًا عَلَيْهِ}

"Twakumanuriye Igitabu kirimwo ukuri, cemeza Ibitabu vy'aho hambere kikabitosora" (Al-Maa-ida: 48).

- Yaje guhanagura amabwirizwa ari mu Bitabu vy'aho hambere, ateye kubiri n'ibirimwo. Ni co Gitabu casozereye Ibitabu vyose, nk'uko n'Intumwa y'Imana Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ari yo yasozereye Intumwa zose;
- Qor'ani ni igitangaza uravye ingene itunganijwe, amategeko yayo n'inkuru za kahise zirimwo; nta muntu n'umwe ashobora kuzana Igitabu nkayo.

**5) Inyungu z'ukwemera Ibitabu**

Ukwemera Ibitabu harimwo inyungu nyinshi, zimwe muri zo ni:

- o Kumenya umwitwarariko Imana Ifitiye Bene Adamu mu kurungika ku mugwi wose Igitabu kibarongora;
- o Kumenya intumbero y'Imana Allah mu vyo Itegeka, aho Yategetse umugwi wose amabwirizwa ahuye n'imibereho yawo mu buzima bwawo bwa misi yose. Imana Allah Ivuga Iti: {لِكُلٍّ جَعَلْنَا مِنْكُمْ شِرْعَةً وَمِنْهَاجًا}

  "Umugwi wose muri mwebwe, Twawuhaye amabwirizwa n'inzira yawo irashe" (Al-Maa-ida: 48).
- o Gukenguruka inema z'Imana Allah (kuri Bene Adamu).

## 4. Ukwemera Intumwa z'Imana

### a. Insiguro y'ijambo "RASUULU" (Intumwa)

Iryo jambo "RASUULU", risigura umuntu w'igitsinagabo Imana Yatoranije mu bandi, Ikamuhishurira amabwirizwa yayo, Imurungika ku bahakanyi kugira abashikirize ubutumwa bw'Imana Allah.

**b. Insiguro y'ukwemera Intumwa**

Ukwemera Intumwa, ni ukwemanga ata gukekereza, ko Imana Allah Yarungikiye umugwi wose mu bantu Intumwa, ibahamagarire gusenga Imana Imwe Rudende batayibangikanya, no guhakana ico cose gisengwa giteye kubiri n'Imana Allah.

Kwemanga ko Intumwa z'Imana zose zari imvugakuri, abagororotsi n'abizerwa.

Kwemanga kandi ko zashikanye ubutumwa ku mugaragaro, gutyo kibe icemezo ku biremwa ko ata cireguzo bafise imbere y'Imana Allah. Imana Allah Ivuga Iti: {رُسُلًا مُبَشِّرِينَ وَمُنْذِرِينَ لِئَلَّا يَكُونَ لِلنَّاسِ عَلَى اللَّهِ حُجَّةٌ بَعْدَ الرُّسُلِ}
"Twebwe Allah Twarungitse Intumwa ku biremwa zishikiriza abemeramana inkuru y'Ubwami bw'ijuru, zinagabisha abagarariji ibihano vyo mu muriro, kugira ntihagire n'umwe mu biremwa aronka icitwazo co kwigobotora ku Mana Allah inyuma y'irungikwa ry'Intumwa" (An-Nisaa-i: 165).

Kwemanga kandi ko Intumwa z'Imana ari abantu baremwe, ntibafise icubahiro c'ububungabunzi bw'ibiremwa, canke c'Imana Isengwa, na bo nyene bashikirwa n'ibishikira ibindi biremwa; nko kurwara, gupfa no gusonza.

Tubwirizwa kwemera muri rusangi Intumwa z'Imana zose (za nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), izo tutadondaguriwe amazina, no kwemera ido n'ido izo twadondaguriwe amazina. Imana Allah Ivuga Iti:

{كُلٌّ آمَنَ بِاللَّهِ وَمَلَائِكَتِهِ وَكُتُبِهِ وَرُسُلِهِ لَا نُفَرِّقُ بَيْنَ أَحَدٍ مِنْ رُسُلِهِ}

"Uwo ari we wese muri bo yaremeye Imana Allah, abamalayika bayo, Ibitabu vyayo n'Intumwa zayo zose, bavuga bati: "Ntituvangura n'umwe mu kwemera Intumwa zayo"" (Al-Baqara: 285).

**c. Imvo z'ukurungikwa kw'Intumwa**

Imvo z'ukurungikwa kw'Intumwa dushobora kuzishira mu mice itatu:

- ❖ Guhamagarira abantu gusenga Imana Imwe Rudende Allah. Imana Allah Ivuga Iti: {وَلَقَدْ بَعَثْنَا فِي كُلِّ أُمَّةٍ رَسُولًا أَنِ اعْبُدُوا اللَّهَ وَاجْتَنِبُوا الطَّاغُوتَ}
"Mu vy'ukuri, umugwi wose twawurungikiye Intumwa iwubwiriza iti: "Nimusenge Imana Imwe Rudende Allah, mushoke mwitandukanya n'ibigirwamana vyose" (An-Nahl: 36).
- ❖ Gushikiriza inkuru nziza abumvira Imana (abagororotsi) no kugabisha ibigaba. Imana Allah Ivuga Iti:
{رُسُلًا مُبَشِّرِينَ وَمُنْذِرِينَ لِئَلَّا يَكُونَ لِلنَّاسِ عَلَى اللَّهِ حُجَّةٌ بَعْدَ الرُّسُل}

"Twebwe Allah Twarungitse Intumwa ku biremwa zishikiriza abemeramana inkuru y'Ubwami bw'ijuru, zinagabisha abagarariji ibihano vyo mu muriro, kugira ntihagire n'umwe mu biremwa aronka icitwazo co kwigobotora ku Mana Allah inyuma y'irungikwa ry'Intumwa" (An-Nisaa-i: 165).

❖ Gutanga insiguro zikwiye z'amategeko y'Imana Allah. Ni kuri iyo mvo Intumwa yose yaba ifise amategeko, ihamagarira abantu bayo kuyagendera. Imana Allah Ivuga Iti: {لِكُلٍّ جَعَلْنَا مِنْكُمْ شِرْعَةً وَمِنْهَاجًا}

"Burya umugwi wose mu bantu Twarungikiye Intumwa muri mwebwe, Twawuhaye ingingo zitomoye n'ivyo wisunga mu kuntu ubayeho" (Al-Maa-ida: 48).

**d. Ibihangange mu Ntumwa**

Ibihangange mu Ntumwa rurangiranwa zahanganye n'abahakanyi bidasanzwe, ni zitanu. Ni na zo zatewe iteka kurusha izindi Ntumwa. Urutonde rw'ingene zigenda zirutarutana ni uru rukurikira:

- Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah);
- Ibrahimu (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah);
- Musa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah);
- Isa (Yezu, nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah);
- Nuhu (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

Imana Allah Ivuga Iti:

{وَإِذْ أَخَذْنَا مِنَ النَّبِيِّينَ مِيثَاقَهُمْ وَمِنْكَ وَمِنْ نُوحٍ وَإِبْرَاهِيمَ وَمُوسَى وَعِيسَى ابْنِ مَرْيَمَ}

"Ibuka (Ntumwa y'Imana Muhamadi!), igihe Twaha isezerano Abavugishwamana (ko bazoshikiriza ubutumwa nk'uko buri, badahengeshanya), Tukariguha na wewe nyene, na Nuhu, na Ibrahimu, na Musa, na Isa mwene Mariyamu" (Al-Ahzaab: 7).

**e. Ivyo dutegetswe ku Ntumwa**

Mu bintu dutegetswe ku Ntumwa z'Imana (za nyakugira amahoro y'Imana Allah) ni ibi bikurikira:

- Kuzemera no kwemera ko ubutumwa zashikirije buva vy'ukuri ku Mana Allah. Uwuhirahiriye akagarariza ubutumwa bw'imwe muri zo, akayihakana, akayituka canke akayinegura, aba ari umuhakanyi, igihano ciwe ni ukwicwa. Imana Allah Ivuga Iti: {كَذَّبَتْ قَوْمُ نُوحٍ الْمُرْسَلِينَ}

"Abantu barungikiwe (Intumwa) Nuhu, baragararije Intumwa z'Imana" (As-Shu'araa-i: 105).

Imana Allah (muri iri jambo) Yabafashe ko bagararije Intumwa zose (ku kugarariza Intumwa imwe gusa, kuko zose zashikiriza ubutumwa bumwe buvuye ku Mana Allah), kuko ico gihe ca Nuhu nta yindi Ntumwa yariho.

- Kwemanga ko zashikanye isezerano, zigashikiriza ubutumwa nk'uko bitegetswe, ku buryo abantu batazoronka icireguzo ku Mana.
- Kwemanga ko zari abagabo mu bwoko bw'abantu. Nta kintu zisangije cotuma zihabwa icubahiro c'ububungabunzi bw'ibiremwa canke c'Imana Isengwa. Ntzirema, ntzibeshaho ibiremwa, nta binyegezwa zizi. Eka ntibinarekuwe ko zokorerwa ikintu ico ari co cose kijanye n'amasengesho.
- Kwemanga ko Imana Allah Yaziteye intege mu kuziha ibitangaro bidasanzwe, n'ibimenyetso bigaragara vyerekana ukuri mu vyo zashikiriza.
- Kwemera no kwubahiriza amategeko yashikirijwe n'iyo twarungikiwe muri zo, ikaba ari yo yahawe iteka, ikanazisozera, Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

**f. Kwemera Intumwa y'Imana Muhamadi**

Ni ngombwa kwemera no kwemanga ko Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yatumwe n'Imana Allah. Imana Allah Ivuga Iti:

{إِنَّا أَرْسَلْنَاكَ بِالْحَقِّ بَشِيرًا وَنَذِيرًا}

“Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah)! Mu vy'ukuri, Twakurungikanye idini ry'ukuri, ushikirize inkuru nziza y'intsinzi abemera, wongere ugabishe abagarariji ibihano bibarindiriye” (Al-Baqara: 119).

Ni ngombwa kwemera ko Muhamadi ari we yasozereye Intumwa zose. Imana Allah Ivuga Iti: {مَا كَانَ مُحَمَّدٌ أَبَا أَحَدٍ مِنْ رِجَالِكُمْ وَلَكِنْ رَسُولَ اللَّهِ وَخَاتَمَ النَّبِيِّينَ}

“Muhamadi ntiyigeze aba se w'umuntu n'umwe muri mwebwe, ahubwo ni Intumwa y'Imana Allah, akaba ari na we yasozereye izindi Ntumwa” (Al-Ahzaab: 40).

Ni ngombwa kandi kwemera ko yatumwe ku bantu bose n'amajini. Imana Allah Ivuga Iti: {وَمَا أَرْسَلْنَاكَ إِلَّا كَافَّةً لِلنَّاسِ بَشِيرًا وَنَذِيرًا}

“Ntumwa y’Imana! Ntitwakurungitse kiretse ku bantu bose, kugira ushikirize inkuru iremesha abagororotsi wongere ugabishe ibigaba ibihano vy’Imana Allah” (As-Saba-i: 28).

Imana Irongera Ikavuga Iti: {وَمَا أَرْسَلْنَاكَ إِلَّا رَحْمَةً لِلْعَالَمِينَ}

“Ntitwagutumye atari uko uba impuhwe ku biremwa vyose” (Al-Ambiyaa-i: 107).

Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaravuze iti:

”فُضِّلْتُ عَلَى الأَنْبِيَاءِ بِسِتٍّ: أُعْطِيتُ جَوَامِعَ الْكَلِمِ، وَنُصِرْتُ بِالرُّعْبِ، وَأُحِلَّتْ لِيَ الْغَنَائِمُ، وَجُعِلَتْ لِيَ الأَرْضُ طَهُورًا وَمَسْجِدًا، وَأُرْسِلْتُ إِلَى الْخَلْقِ كَافَّةً، وَخُتِمَ بِيَ النَّبِيُّونَ“

“Imana yaranteye iteka ritatewe izindi Ntumwa mu kungenera ibintu bitandatu: Nahawe ubushobozi bw'ukuvuga amajambo make ngirakamaro (mu mvugo y'impfunyapfunyo isigura vyinshi); intsinzi iturutse ku gitinyiro n'ubwoba mu mitima y'abansi; narekuriwe gukoresha iminyago (ivyatswe abansi mu ndwano); narekuriwe gukoresha ubutaka aho ari ho hose mu kwisukura (mu gihe ata mazi) no kubusengerako; natumwe ku biremwa vyose, vyongeye ni jewe nasozereye Intumwa zose”. Yashikirijwe na Muslimu.

Ni ngombwa kwemera ko ubutumwa bw'Intumwa y'Imana Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) bwaje gusubirira ubwatanguye bwose.

Nk'uko Intumwa y'Imana Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ivuga iti:

”لا يَسْمَعُ بِـي أحد مِن هَذِهِ الْمُّةِ ، يَهُودِ ي وَلاَ نَصْرَانِـي، ثُمَّ يَمُوتُ وَلَمْ يُؤْمِنْ بِالَّذِي أُرْسِلْتُ بِهِ إِلاَّ كانَ مِنْ أَصْحَابِ النَّار“

“Nta muntu n'umwe muri aba bantu banje (UMMAT), azokwumva ko natumwe, yaba umuyahudi canke umunaswara, hanyuma akitaba Imana atemeye ivyo narungikanywe, kiretse ko azoba ari mu bantu bo mu muriro udahera”. Yashikirijwe na Muslimu.

Muri iyo nyigisho y'intumwa, haravugwamwo ijambo “UMMAT”, rikaba risigura “UMMAT DA'WA” abantu banje narungitsweko, ni na bo bavugwa muri iyo nyigisho y'intumwa, ni abantu bose kuva Intumwa irungikwa gushika ku musi w'umuhero w'isi, kuko abo bose bahamagarirwa kwemera iyo Ntumwa.

Nayo ijambo “UMMATU L-IJAABA” abantu banje banyemera bakankurikira, ni ba bandi bose bitabiriye iyo Ntumwa, bagakurikira ubwislamu. Kubera ivyo rero, umuhakanyi ari mu bantu ba Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yarungitsweko ntibamwitabira. Nayo umwislamu ari mu bantu ba Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) bamwitabiriye.

Ni ngombwa kandi kwemera ko Intumwa y'Imana Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) adashobora gukosa canke kwihenda mu vyo yashikirije bivuye ku Mana.

Ni ngombwa kwemera ko yatewe iteka kurusha izindi Ntumwa zose. Nk'uko Intumwa y'Imana yavyivugiye iti: {أَنَا سَيِّدُ وَلَدِ آدَمَ يَوْمَ الْقِيَامَةِ وَلَا فَخْرَ} "Ni jewe nzoba kizigenza wa Bene Adamu ku musi w'izuka, kandi si ukwishima". Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslimu.

No kwemera ko Imana Allah Yamuteye intege Ikamuha ibitangaro vyinshi, gikuru muri vyo kikaba ari Igitabu ca Qor'ani.

**g. Inyungu ziri mu kwemera Intumwa**

Ukwemera Intumwa kurimwo inyungu z'umurengera, muri zo twovuga:

- Kumenya impuhwe, impano n'umwitwarariko w'Imana Allah ku biremwa vyayo, mu kuba Yabarungikiye Intumwa, kugira ngo zibarongore mu nzira y'Imana igororotse, zongere zibereke neza ingene bategerezwa gusenga Imana yabo Rurema; kuko ubwenge bw'umuntu bwonyene ntibwoshobora gutahura ivyo;
- Gukengurukira Imana Allah kuri iyo nema ihambaye;
- Gukunda Intumwa (za nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), kuziha icubahiro kizikwiriye no kuzishima, kubera ko zatumwe n'Imana Allah, zikayisenga, zigashikiriza ubutumwa bwayo, zikanahanura ibiremwa vyayo.

## 5. Ukwemera umusi w'imperuka

### a. Insiguro y'ukwemera umusi w'imperuka

Umusi w'imperuka, ni umusi w'umuhero w'isi. Insiguro y'ukwemera umusi w'umuhero, ni ukwemanga kuzira amakenga ivyavuzwe vyose n'Imana Allah mu Gitabu cayo, n'ivyashikirijwe n'Intumwa yayo (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) mu nyigisho n'imigenzo yayo ko ari ivy'ukuri: mu vyerekeye ibizoshikira umuntu amaze gupfa, mu bigeragezo vyo mu mva, ibihano canke amahirwe azoronka mu mva, izuka n'iyegeranywa ry'ibiremwa, guhabwa ibitabu birimwo ivyakozwe n'umuntu, guharurirwa, gupimirwa ku munzani, ibenga ry'amazi menshi, guca ku nzira (igana mu Bwami bw'ijuru canke mu muriro), kuvugira ibiremwa (SHAFAA'A), kubaho kw'Ubwami bw'ijuru n'umuriro, n'ivyo Imana Allah Yateguriye abazoba bari muri ivyo bibanza bibiri, n'ibizoshika mu bimenyetso vy'umuhero wegereje. Imana Allah mu gushimagiza abemeramana Yavuze Iti: {وَبِالْآخِرَةِ هُمْ يُوقِنُونَ} "Bakemera badakekeranya ibizoba mu buzima bw'inyuma yo gupfa" (Al-Baqara: 4).

Imana Allah Irongera Ikavuga Iti:

{اللَّهُ لَا إِلَهَ إِلَّا هُوَ لَيَجْمَعَنَّكُمْ إِلَى يَوْمِ الْقِيَامَةِ لَا رَيْبَ فِيهِ وَمَنْ أَصْدَقُ مِنَ اللَّهِ حَدِيثًا}

"Allah, nta yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Yo, nta nkeka Izobegeraniriza hamwe ku musi w'izuka utagira amakenga, kugira Ibaharurire Inabahere. Nta n'umwe yoba imvugakuri gusumba Imana Allah mu vyo Yashikirije" (An-Nisaa-i: 87).

**b. Ibimenyetso vy'umuhero w'isi**

Ni ngombwa kwemera ko umuhero uzoshika ata gukekeranya, kandi ko ata muntu n'umwe azi isango ryawo kiretse Imana Allah gusa. Imana Allah Ivuga Iti: {يَسْأَلُونَكَ عَنِ السَّاعَةِ أَيَّانَ مُرْسَاهَا، قُلْ إِنَّمَا عِلْمُهَا عِنْدَ رَبِّي، لَا يُجَلِّيهَا لِوَقْتِهَا إِلَّا هُوَ}

"Ntumwa y'Imana! Barakubaza ku vyerekeye umuhero w'isi, ni ryari uzoshika? Babwire uti: "Mu vy'ukuri, ubumenyi bw'igihe uzoshikira bufiswe n'Imana yanje Rurema, nta n'umwe ashobora kugaragaza igihe cawo kiretse Yo Yonyene"" (Al-A'raaf: 187).

Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yarigishije ibimenyetso bizoba imbere yuko umuhero w'isi ushika. Muri vyo hari ibimaze kuboneka n'ibindi bitaraboneka. Muri ivyo, ni ibivugwa mu nyigisho y'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), ko igihe kimwe yaje igasanga ingendanyi zayo ziriko ziraganira ibijanye n'umuhero, iraheza ibabwira iti:

"إِنَّهَا لَنْ تَقُومَ حَتَّى تَرَوْنَ قَبْلَهَا عَشْرَ آيَاتٍ، فَذَكَرَ الدُّخَانَ، وَالدَّجَّالَ، وَالدَّابَّةَ، وَطُلُوعَ الشَّمْسِ مِنْ مَغْرِبِهَا، وَنُزُولَ عِيسَى ابْنِ مَرْيَمَ صَلَّى اللهُ عَلَيْهِ وَسَلَّمَ، وَيَأْجُوجَ وَمَأْجُوجَ، وَثَلَاثَةَ خُسُوفٍ خَسْفٌ بِالْمَشْرِقِ، وَخَسْفٌ بِالْمَغْرِبِ، وَخَسْفٌ بِجَزِيرَةِ الْعَرَبِ، وَآخِرُ ذَلِكَ نَارٌ تَخْرُجُ مِنَ الْيَمَنِ تَطْرُدُ النَّاسَ إِلَى مَحْشَرِهِمْ"

"Mu vy'ukuri, umuhero ntuzoshika imbere yuko mubona ibimenyetso cumi. Iraheza irabidondagura iti: Umwotsi mwinshi (uzokwiragira isi nzima); ukuza kwa Masiihi Dajjaal (azogerageza kuzimiza ibiremwa); ukuza kw'ikinyamaswa (kizokwibutsa ibiremwa ijambo ry'Imana); izuba rizoserukira mu burengero; ukuza kwa Isa (Yezu) mwene Mariyamu (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah); ukuza kwa Ya-ajuuju na Ma-ajuuju (ibibegito birangwa n'ububisha); ugushika kw'ubwirakabiri butatu: ubwirakabiri buzozanana mu buseruko, ubwirakabiri buzozanana mu burengero n'ubwirakabira buzozanana mu kigobe c'Abarabu. Ikimenyetso ca nyuma ni umuriro w'icaduka uzozanana mu gihugu ca Yemeni (ahitwa Aden) uzokwirukana abantu ubakoranirize mu bwegeranirizo bumwe". Yashikirijwe na Muslimu.

### c. Igeragezwa ryo mu mva, ibihano n'amahirwe biberayo

**Igeragezwa ryo mu mva**

Ni ibibazo umuntu abazwa inyuma y'ugusandaba, yaba yarahambwe canke atahambwe, abazwa ku vyerekeye Imana yiwe Rurema, idini ryiwe n'Intumwa yiwe. Muri ico gihe Imana Allah Iraheza Igatera intege abemeramana, bagaheza bakishura ijambo ry'ukuri.

Umwemeramana rero, arishura ati: "Imana Yanje Rurema ni Allah. Idini ryanje ni ubwislamu. Intumwa yanje (nakurikiye) ni Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah)".

Nayo abagunzi, Imana Allah Ibakurako amaboko, bagahuba; umuhakanyi arishura ati: "yoo, yoo! Nta vyo nzi".

Nayo indyarya canke uwemera n'amakenga, arishura ati: "Nta vyo nzi, jewe nahora numva abantu bavuga ivyo bavuga, nanje nkapfa gusubiramwo". Ukwo ni ko vyanditswe mu nyigisho zemewe z'intumwa.

Uwo wese apfuye yarakoze ivyaha bituma ahanwa, atangura kuronka ibihano mu mva, yaba yarahambwe canke atahambwe, n'aho yoba yariwe n'inyamaswa, yapfuye aturiwe n'umucanwa agacika umunyota canke asomye nturi, agatwarwa n'uruzi.

Mu vyemeza ko ibihano vyo mu mva ari ukuri, ni ijambo ry'Imana Allah aho Ivuga Iti:

{وَلَوْ تَرَى إِذِ الظَّالِمُونَ فِي غَمَرَاتِ الْمَوْتِ وَالْمَلَائِكَةُ بَاسِطُو أَيْدِيهِمْ أَخْرِجُوا أَنْفُسَكُمُ الْيَوْمَ تُجْزَوْنَ عَذَابَ الْهُونِ بِمَا كُنْتُمْ تَقُولُونَ عَلَى اللهِ غَيْرَ الْحَقِّ وَكُنْتُمْ عَنْ آيَاتِهِ تَسْتَكْبِرُونَ}

"Iyo uba wabona ukuntu abirenganya mu kurenga ku mabwirizwa y'Imana Allah bamerewe igihe bari ku mpfiro, wobonye igitangaza giteye ubwoba igihe abamalayika bajejwe kwakira imishaha y'ibiremwa bariko barababwira ku gashinyaguro bati: "Nimwikuremwo imishaha yanyu rero! Uno musi muhabwa igihano c'agasuzuguro bitewe n'ukuntu mwahora mubeshera Imana Allah ibitari ivy'ukuri, n'ukuntu mwahora mwishima ku kudakurikira Qor'ani n'Intumwa z'Imana Allah" (Al-An'aam: 93).

Hari n'inyigisho y'intumwa, aho Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yabwiye ingendanyi zayo iti:

"فَلَوْلَا أَنْ لَا تَدَافَنُوا لَدَعَوْتُ اللهَ أَنْ يُسْمِعَكُمْ مِنْ عَذَابِ الْقَبْرِ الَّذِي أَسْمَعُ مِنْهُ ثُمَّ أَقْبَلَ عَلَيْنَا بِوَجْهِهِ فَقَالَ تَعَوَّذُوا بِاللَّهِ مِنْ عَذَابِ النَّارِ قَالُوا نَعُوذُ بِاللَّهِ مِنْ عَذَابِ النَّارِ فَقَالَ تَعَوَّذُوا بِاللَّهِ مِنْ عَذَابِ الْقَبْرِ قَالُوا نَعُوذُ بِاللَّهِ مِنْ عَذَابِ الْقَبْرِ"

“Iyo mba ntatinya ko mutohambana, nosavye Imana Allah Ikabumvisha induru iterwa bivanye n'ibihano vyo mu mva jewe numva”. Hanyuma ica irahindukira iraturaba, iraheza ivuga iti: “Nimusabe Imana Allah Ibakingire ibihano vy'umuriro udahera”. Ingendanyi ziraheza zivuga ziti: “Turasavye Imana Allah Idukingire ibihano vy'umuriro udahera”. Intumwa ica ivuga iti: “Nimusabe Imana Allah Ibakingire ibihano vyo mu mva”. Ziraheza zivuga ziti: “Turasavye Imana Allah Idukingire ibihano vyo mu mva””. Yashikirijwe na Muslimu.

Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yahora isaba mu mpera y'isengesho, ivuga iti:

”اللَّهُمَّ إِنَّا نَعُوذُ بِكَ مِنْ عَذَابِ جَهَنَّمَ، وَأَعُوذُ بِكَ مِنْ عَذَابِ الْقَبْرِ، وَأَعُوذُ بِكَ مِنْ فِتْنَةِ الْمَسِيحِ الدَّجَّالِ، وَأَعُوذُ بِكَ مِنْ فِتْنَةِ الْمَحْيَا وَالْمَمَاتِ“

"Ewe Mana Yacu Nzima! Turagusavye udukingire ibihano vy'umuriro udahera (JAHANNAM). Ndagusavye unkingire ibihano vyo mu mva, ndagusavye unkingire ibigeragezo vya MASIIHI Dajaali, ndanagusavye unkingire ibigeragezo vyo mu buzima n'ivyo mu gupfa". Yashikirijwe na Muslimu.

Ariko rero, umwemeramana yumvira Imana Allah, mu vy'ukuri imva yiwe ni ikibanza mu bibanza vyo mu Bwami bw'ijuru. Nk'uko vyakiriwe mu nyigisho y'intumwa, ko umwemeramana ahejeje kwishura ibibazo abazwa n'abamalayika babiri inyuma yo gupfa:

”فَيُنَادِي مُنَادٍ مِنْ السَّمَاءِ أَنْ قَدْ صَدَقَ عَبْدِي فَأَفْرِشُوهُ مِنْ الْجَنَّةِ وافْتَحُوا لَهُ بَاباً إِلَـــى الجَنَةِ وَأَلْبِسُوهُ مِنْ الْجَنَّةِ“

"Aca yumva ijwi risemerera riva mw'ijuru, rivuga riti: "Mu vy'ukuri, umuja wanje yavuze ukuri. Kubera ivyo rero, nimumusasire ibisaswa bivuye mu Bwami bw'ijuru, mumwugururire umuryango ushika mu Bwami bw'ijuru, mwongere munamwambike n’ivyambarwa bivuye mu Bwami bw'ijuru". Yashikirijwe na Ahmadi na Abu Daudi.

Umubabaro w'ibihano vyo mu mva canke umunezero w'amahirwe, bishikira umutima uri hamwe n'umubiri, hari igihe rimwerimwe bishikira umutima gusa ukwawo utari kumwe n'umubiri.

**Mu bitera ibihano vyo mu mva**

- Guteranya abantu: ukwimura amajambo mu ntumbero yo kubiba urwanko;
- Kutiyubara gutarukirwako n'amasobwe;
- Kwandagaza umuntu: kuvuga nabi umuntu atahari;

- Ubusambanyi;
- Ukurya inyungu izira (RIBA).

**Mu bintu bikingira ibihano vyo mu mva**

- Kwihatira kwumvira Imana Allah no kuvavanura n'ivyaha;
- Gusoma igisomwa TABAARAKA (Niyubahwe) no kugifata ku mutwe.

**d. Izuka n'iyegeranywa**

Izuka ni ugusohoka kw'abapfuye bava mu mva zabo, hamaze kuvuga inzamba igira kabiri, imitima igasubizwa mu mibiri yabo. Bazoheza basokoroke mu mva zabo bihuta cane, abahakanyi bazogira agahinda hanyuma baheze bidoge: {قَالُوا يَا وَيْلَنَا مَنْ بَعَثَنَا مِنْ مَرْقَدِنَا}
"Bazovuga bati: "Mbega ivyago biri hano! Ni nde atuzuye akadukangura mu buriri bwacu!"" (Yaasiin:52).

Nayo abemeramana bazovuga bati: {هَذَا مَا وَعَدَ الرَّحْمَنُ وَصَدَقَ الْمُرْسَلُونَ}
"Ibi ni bimwe Imana Nyenimpuhwe Yadusezeranira (ko tuzozuka), bikemezwa n'Intumwa" (Yaasiin: 52).

Imana Allah Iravuga Iti: {ثُمَّ إِنَّكُمْ بَعْدَ ذَلِكَ لَمَيِّتُونَ. ثُمَّ إِنَّكُمْ يَوْمَ الْقِيَامَةِ تُبْعَثُونَ}

"Mu vy'ukuri, inyuma yo kuremwa (mukabaho) muzopfa. Hanyuma ku musi w'umuhero muzozuka" (Al-Mu-minuuna: 15-16).

Aho bazoca bashorerwa, baje mu kibanza c'iyegeranirizo ry'ibiremwa vyose, bagende n'ibirenge bisa (ata birato), bari gusa (batambaye), ata na kimwe bibangikanije. Kuri uwo musi, izuba rizoba riri hafi cane y'ibiremwa, rihakwa kubayonza (kubera ubushuhe), umwe wese azobira arengwe n'urwuya, hisunzwe urugero rw'ibikorwa vyiwe, hari n'abazomirwa n'urwuya rwabo.

Kuri uwo musi, abantu bazokanura amaso, umwe wese azokwirwanako n'urwiwe, ku buryo n'uwonsa azokwibagira umwana wiwe yonsa, abana bazomera imvi hataragera, isi izofatwa mu kiganza (c'Uhoraho), ijuru rizozingwazingwa (ryikubiranye), imisozi izoyonga, inzuzi zizosesa zihure, izuba ryizingazinge, ukwezi kuzime habe ubwirakabiri, inyenyeri zihungagurike.

Ivyo vyose tubisanga mu Gitabu c'Imana Qor'ani no mu nyigisho n'imigenzo vy'intumwa.

Kuri uwo musi, abantu bazogira amagorwa n'ingorane zitandukanye, umwe wese ku rugero rw'ibikorwa vyiwe; abemera bakumvira Imana Allah, nta bwoba bazogira, bazosanganirwa n'abamalayika, bugamikwe mu gatutu k'Intebe y'Inganji (Arshi) y'Uhoraho Nyenimpuhwe Allah.

### e. Iharurirwa n'ihembwa

Insiguro y'uguharurirwa n'uguhembwa, ni uko umuja azohagarara imbere y'Uhoraho Allah, akerekwa ibikorwa vyiwe, ivyiza n'ibibi, hanyuma aharurirwe yongere abihemberwe.

Umwemeramana, azokwakira igitabu ciwe n'ukuboko kw'iburyo, mu gihe umuhakanyi ukuryo kwiwe kuzovunwa, akakira igitabu ciwe n'ukuboko kw'ibubamfu, gicishijwe mu mugongo wiwe.

Imana Allah Ivuga Iti:

{مَنْ جَاءَ بِالْحَسَنَةِ فَلَهُ عَشْرُ أَمْثَالِهَا وَمَنْ جَاءَ بِالسَّيِّئَةِ فَلَا يُجْزَى إِلَّا مِثْلَهَا وَهُمْ لَا يُظْلَمُونَ}

"Uwuzorenguka (imbere y'Imana Allah) yakoze iciza, azogihemberwa incuro cumi; nayo uwuzorenguka yakoze ikibi, ntazorihwa kiretse ku kibi kimwe gusa, ntibazorenganywa na gato" (Al-An'aam: 160).

Imana Allah Iravuga Iti:

{فَأَمَّا مَنْ أُوتِيَ كِتَابَهُ بِيَمِينِهِ. فَسَوْفَ يُحَاسَبُ حِسَابًا يَسِيرًا. وَيَنْقَلِبُ إِلَـــى أَهْلِهِ مَسْرُورًا. وَأَمَّا مَنْ أُوتِيَ كِتَابَهُ وَرَاءَ ظَهْرِهِ. فَسَوْفَ يَدْعُو ثُبُورًا. وَيَصْلَى سَعِيرًا}

"Uwo wese rero azohabwa igitabu c'ibikorwa vyiwe mu kuboko kwiwe kw'iburyo, uyo ni we azoharurirwa ibiharuro vyoroshe, maze agasubira mu bantu biwe mu Bwami bw'ijuru akanyamuneza kamusya. Nayo uwuzohabwa igitabu c'ibikorwa vyiwe inyuma y'umugongo wiwe, uyo rero azoheza yisabire urupfu, yinjire no mu muriro udahera wegenyejwe" (Al-Inshiqaaq: 7-12).

Umuntu azoheza abazwe kuri birya yakoze akiri kw'isi. Mu nyigisho y'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ivuga iti:

" لَا تَزُولُ قَدَمَا عَبْدٍ يَوْمَ الْقِيَامَةِ حَتَّـــى يُسْأَلَ عَنْ عُمُرِهِ فِيمَا أَفْنَاهُ وَعَنْ عِلْمِهِ فِيمَ فَعَلَ وَعَنْ مَالِهِ مِنْ أَيْنَ اكْتَسَبَهُ وَفِيمَ أَنْفَقَهُ وَعَنْ جِسْمِهِ فِيمَ أَبْلَاهُ "

"Nta muntu n'umwe ku musi w'umuhero w'isi, azotera intambwe, atabanje kubazwa: mu buzima bwiwe ico yamaze, ubumenyi bwiwe ico yabukoresheje, ubutunzi bwiwe iyo yabukuye n'ico yabukoresheje, umubiri wiwe ico yawukoresheje". Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy.

Umuntu azobazwa kandi ingene yakoresheje inema Imana Allah Yamuhaye, abazwe ko yubahirije ivyo yasezerana, abazwe ku maso yiwe, ku matwi yiwe, ku mutima n'ubwenge vyiwe uko yabikoresheje.

Ikintu ca mbere umuntu azoharurirwa mu vyerekeye agateka k'Imana Allah, ni isengesho. Mu gateka ka Bene Adamu naho, ni amaraso yasheshe mu karenganyo.

Muri ukwo guharurirwa, umuntu azokwagirizwa n'ibihimba vy'umubiri wiwe. Imana Allah Ivuga Iti:

{الْيَوْمَ نَخْتِمُ عَلَى أَفْوَاهِهِمْ وَتُكَلِّمُنَا أَيْدِيهِمْ وَتَشْهَدُ أَرْجُلُهُمْ بِمَا كَانُوا يَكْسِبُونَ}

"Kuri uwu musi, (Twebwe Allah) Turazivya iminwa yabo (indimi zigobe), maze Tuvugishe amaboko yabo, amaguru yabo na yo abagirize ku vyo bagiye barakora kw'isi" (Yaasiin: 65).

**f. Ubwami bw'ijuru n'umuriro udahera**

Nta nkeka ko Ubwami bw'ijuru n'umuriro udahera ari ivy'ukuri. Ni bwo buruhukiro bwa nyuma budahera bwategekanirijwe ibiremwa; Ubwami bw'ijuru ni ryo tongo ryuzuye inema ku bantu bemera Imana Allah. Nayo umuriro udahera, ni ryo tongo ryuzuye ibihano ku bahakanyi n'ibigaba.

Ubwami bw'ijuru n'umuriro udahera birahari n'ubu, kandi ntibigira iherezo. Imana Allah Ivuga Iti:

{وَبَشِّرِ الَّذِينَ آمَنُوا وَعَمِلُوا الصَّالِحَاتِ أَنَّ لَهُمْ جَنَّاتٍ تَجْرِي مِنْ تَحْتِهَا الْأَنْهَارُ}

"Shikiriza inkuru nziza abemeye bakanakora ivyiza bitegetswe, ko bategekanirijwe imirima itotahaye yo mu Bwami bw'ijuru, musi y'ibiti n'inyubakwa vyabwo hatemba inzuzi" (Al-Baqara: 25).

Imana Allah Irongera Ikavuga Iti: {وَاتَّقُوا النَّارَ الَّتِي أُعِدَّتْ لِلْكَافِرِينَ}

"Kandi nimwikingire umuriro wagenewe abagarariji" (Aali Imraan: 131).

Mu nyigisho y'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ivuga iti:

"إِذَا صَارَ أَهْلُ الْجَنَّةِ إِلَى الْجَنَّةِ وَأَهْلُ النَّارِ إِلَى النَّارِ، جِيءَ بِالْمَوْتِ حَتَّى يُجْعَلَ بَيْنَ الْجَنَّةِ وَالنَّارِ، ثُمَّ يُذْبَحُ، ثُمَّ يُنَادِي مُنَادٍ: يَا أَهْلَ الْجَنَّةِ لَا مَوْتَ وَيَا أَهْلَ النَّارِ لَا مَوْتَ، فَيَزْدَادُ أَهْلُ الْجَنَّةِ فَرَحًا إِلَى فَرَحِهِمْ، وَيَزْدَادُ أَهْلُ النَّارِ حُزْنًا إِلَى حُزْنِهِمْ"

"Igihe abantu bo mu Bwami bw'ijuru bazoba bamaze kwinjira muri bwo, n'abo mu muriro udahera bakawutabwamwo, hazozanwa urupfu rushirwe hagati na hagati y'Ubwami bw'ijuru n'umuriro, hanyuma rukererwe, hace humvikana ijwi risemerera rivuga riti: "Emwe bantu bo mu Bwami bw'ijuru! Nta rupfu rukibaho. Na mwe bantu bo mu muriro! Nta rupfu rukibaho. Aho, abantu bo mu Bwami bw'ijuru bazorengerwa n'akamwemwe kiyongereye ku ko bari bafise. Nayo abo mu muriro, bazokwicwa n'agahinda kiyongereye ku ko bari bafise". Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslimu.

Mu Bwami bw'ijuru, harimwo inema zidasanzwe ku baja b'Imana Allah, ziyagwako inkuru nziza n'Imana Allah nk'uko tubisanga mu nsiguro y'inyigisho ntagatifu (Hadiithu l-Qudsiy), ivuga iti:

"أَعْدَدْتُ لِعِبَادِي الصَّالِحِينَ، مَا لاَ عَيْنٌ رَأَتْ، وَلاَ أُذُنٌ سَمِعَتْ، وَلاَ خَطَرَ عَلَى قَلْبِ بَشَرٍ"
"Nategekanirije abaja banje beranda, ivyiza amaso atarigera abona, amatwi atarigera yumva, eka nta n'umutima wa kiremwa-muntu uravyiyumvira". Imana Allah Irongera Ikavuga Iti:

{فَلَا تَعْلَمُ نَفْسٌ مَا أُخْفِيَ لَهُمْ مِنْ قُرَّةِ أَعْيُنٍ جَزَاءً بِمَا كَانُوا يَعْمَلُونَ}

"Nta muntu n'umwe azi ivyanyegerejwe abemeramana mu biryoheye amaso. Ivyo, ni yo mpera ku vyiza bakoze (kw'isi)" (As-Sajda: 17).

Mu nema z'iteka ku bantu bo mu Bwami bw'ijuru, ni ukubona Imana Allah. Imana Allah Ivuga Iti: {وُجُوهٌ يَوْمَئِذٍ نَاضِرَةٌ. إِلَى رَبِّهَا نَاظِرَةٌ}

"Abemeramana, kuri uwo musi bazoba basayangana mu maso, akanyamuneza kabasya; baraba bitegereza Imana yabo Rurema Allah ukuri kwamye" (Al-Qiyaama: 22-23).

Nayo mu muriro udahera, hazoba harimwo amoko y'ibihano bitandukanye vy'urutavanako, ata wubizi kiretse Imana Allah ubwayo. Hari amoko menshi y'ibihano yavuzwe mu Gitabu ca Qor'ani no mu nyigisho z'intumwa, Imana Allah Yarabitugabishijeko cane. Imana Allah Ivuga Iti:

{يَا أَيُّهَا الَّذِينَ آمَنُوا قُوا أَنْفُسَكُمْ وَأَهْلِيكُمْ نَارًا وَقُودُهَا النَّاسُ وَالْحِجَارَةُ}

"Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimwikingire, mwebwe n'imiryango yanyu umuriro, ivyegenyezo vyawo ni abantu n'amabuye" (At-Tahriim: 6).

**g. Inyungu z'ukwemera umusi w'imperuka**

Mu kwemera umusi w'imperuka, harimwo inyungu nta ngere, muri izo:

- Bituma umuntu agira ishaka n'ingoga zo kwumvira Imana Allah n'Intumwa yayo, arondera gusa impera nziza kuri uwo musi w'umuhero;
- Bituma areka gukora ivyaha ku gutinya ibihano vyo kuri uwo musi;
- Guhimiriza umwemeramana ko ivyo ataronse kw'isi, azobishumbushwa impera zibereye n'inema zo mu Bwami bw'ijuru.

## 6. Ukwemera ivyagezwe (AL-QADAR)

AL-QADAR, ni ivyagezwe bigategekanywa n'Imana Allah ku biremwa vyose imbere yuko Ibirema.

**a) Insiguro y'ukwemera ivyagezwe**

Ukwemera ivyagezwe ni ukwemanga kuzira amakenga, ko Imana Allah ari Yo Rurema w'ikintu cose, Umubungabunzi n'Umugabe waco, ko ari Yo Yageze Igategekanya bizoshika vyose; ivyiza n'ibibi imbere yuko bibaho, ko ari Yo Yaremye ukuyoboka no guhuba inzira, amahirwe n'amagorwa, ko

ugupfa no kubeshaho, vyose biri mu minwe y'Imana Allah. Imana Ivuga Iti:

{إِنَّا كُلَّ شَيْءٍ خَلَقْنَاهُ بِقَدَرٍ}

"Mu vy'ukuri, Twebwe (Allah) ikintu cose Twakiremye Twaramaze kugitegekaniriza uko kizobaho" (Al-Qamar: 49).

**b) Ingero z'ivyagezwe**

Ukwemera ivyagezwe kuri mu ngero zine zikurikira:

- **Mu bumenyi**

Kwemera ko Imana Allah Ifise ubumenyi bwose bukwiye, bukikije ikintu ico ari co cose imbere n'inyuma yuko kiremwa. Imana Allah Ivuga Iti:

{لِتَعْلَمُوا أَنَّ اللَّهَ عَلَى كُلِّ شَيْءٍ قَدِيرٌ وَأَنَّ اللَّهَ قَدْ أَحَاطَ بِكُلِّ شَيْءٍ عِلْمًا}

"Kugira ngo mumenye yuko Imana Allah Ishoboye ico ari co cose, n'uko Imana Allah ubumenyi bwayo bukikuje ikintu ico ari co cose" (At-Twalaaq: 12).

- **Mu kwandika**

Kwemera ko Imana Allah Yanditse ivyagezwe vyose ku biremwa vyose ku kibaho kiriko vyose gicungerewe (LAWHU MAHFUUDHW).

Imana Ivuga Iti:

{أَلَمْ تَعْلَمْ أَنَّ اللَّهَ يَعْلَمُ مَا فِي السَّمَاءِ وَالْأَرْضِ إِنَّ ذَلِكَ فِي كِتَابٍ إِنَّ ذَلِكَ عَلَى اللَّهِ يَسِيرٌ}

"Mbega, ntuzi ko Imana Allah Izi vyose; ibiri mw'ijuru no kw'isi! Mu vy'ukuri (nta nkeka ko) ivyo vyose (bitegekanijwe) vyanditswe mu gitabu, ni ukuri, ivyo ku Mana Allah biroroshe" (Al-Hajji: 70).

- **Ku bushake**

Kwemera ko ibiremwa vyose bibayeho ku bushake bw'Imana Allah, nta kintu na kimwe gishobora kuba kiretse ku bushake bwayo. Ico Imana Allah Ishatse kiraba, ico Idashatse na co ntikiba. Imana Ivuga Iti:

{وَرَبُّكَ يَخْلُقُ مَا يَشَاءُ وَيَخْتَارُ}

"Imana Yawe Rurema Irema uko Ishaka, Igahitamwo ico Ishaka" (Al-Qaswasw: 68)

- **Mu kurema**

Kwemera ko Imana Ari Yo Muremyi w'ikintu ico ari co cose; ukuntu giteye, ico kimaze n'ico gikora.

Imana Allah Ivuga Iti: {اللَّهُ خَالِقُ كُلِّ شَيْءٍ وَهُوَ عَلَى كُلِّ شَيْءٍ وَكِيلٌ}

"Imana Allah ni Yo Muremyi w'ikintu ico ari co cose, ni na Yo Ihagarikiye ikintu ico ari co cose" (Az-Zumar: 62).

**c) Ubushake n'uguhitamwo kw'umuntu**

Umuntu arafise ubushake n'ubushobozi bw'uguhitamwo, nk'uko tubisanga mu mabwirizwa y'Imana Allah no mu buzima bwa misi yose.

Imana Allah Ivuga Iti: {لِمَنْ شَاءَ مِنْكُمْ أَنْ يَسْتَقِيمَ}

"Kuri uwo wese muri mwebwe ashaka gutumbera inzira igororotse imushikana ku Mana Allah" (At-Takwiir: 28).

Kandi ubushake n'ubushobozi bw'umuntu wese, bikomoka ku bushake n'ubushobozi bw'Imana Allah. Imana Allah Ivuga Iti:

{وَمَا تَشَاءُونَ إِلَّا أَنْ يَشَاءَ اللَّهُ رَبُّ الْعَالَمِينَ}

"Kandi ntimuzoshaka kugororoka ngo mubishobore kiretse igihe Imana Allah Ibishatse, Umubungabunzi w'ibiremwa vyose" (At-Takwiir :29).

**d) Gufatira ku mpamvu**

Gufatira ku mpamvu ni ukwisunga impamvu zirekuwe n'amategeko y'idini (mu kurondera icorirenza), kandi ivyo ntibiteye kubiri n'ukwemera ivyagezwe canke ukwizera Imana Allah. Ahubwo, ni na vyo vyerekana ukwemera ivyagezwe gukwiye, kuko gufatira ku mpamvu zirekuwe, bigasabwa n'amategeko y'idini kubikora.

Abantu mu gufatira ku mpamvu, twobashira mu migwi ibiri, n'uwundi mugwi uri hagati na hagati:

- Umugwi wa mbere, ni umugwi w'abakorera ku mpamvu n'umutima wabo wose (bakibagira Imana Allah). Ico rero nta nkeka, harimwo ibangikanyamana.
- Umugwi wa kabiri, ni umugwi wirengagiza gufatira ku mpamvu kuko ata co bihindura mu vyagezwe, ivyo na vyo bikerekana agahaze mu gutahura, n'ubwenge buke.
- Umugwi uri hagati na hagati, ni umugwi ufatira ku mpamvu, ukongera ukizera Imana Allah Yaremye impamvu, ugakora ibikenewe, ariko umutima wizeye Imana Yonyene (ko ari Yo Ishoboye vyose).

  **Nk'akarorero**: Umuntu agiye mu ntambara guhangana n'umwansi, ategerezwa kwisunga impamvu zose zotuma yitegurira gutsinda mu rugamba. Imana Allah Ivuga Iti: {وَأَعِدُّوا لَهُمْ مَا اسْتَطَعْتُمْ مِنْ قُوَّةٍ}

  "Murabitegurira (bikwiye) uko mushoboye mu gutunganya ibintu nkenerwa vyose vyobaha inguvu" (Al-Anfaal: 60). Ukwo ni ko kandi, Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yabigenza. Kirazira kugenda guhangana n'umwansi utateguye ivyankenerwa ku rugamba, witwaje ko wizera Imana Allah, wemera ivyagezwe.

**e) Kubuza guharira mu vyerekeye ivyagezwe**

Ubwislamu burabuza kubazagiza mu mpari ivyerekeye ivyagezwe, mu ntumbero yo gushaka kwibira mu kumenya ido n'ido y'ivyagezwe, kuko

bishobora gutuma umuntu aguma mu kujuragirika, mu makenga no mu muzimiza.

Nk'uko vyakiriwe mu nyigisho y'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), aho igihe kimwe yigeze gusanga abantu bariko baraharira ku vyerekeye ivyagezwe, ica irahinduka mu maso kubera ishavu, ica ivuga iti: "مَا لَكُمْ تَضْرِبُونَ كِتَاب الله بَعْضه بِبَعْضٍ بِهَذَا هَلَكَ مَنْ كَانَ قَبْلَكُمْ"

"Mwafashwe n'igiki! Aho mukomanya amahembe ku biri mu Gitabu c'Imana Qor'ani! Ivyo ni vyo vyahoneje ab'aho hambere yanyu". Yashikirijwe na Ahmadi.

Ni ngombwa rero (ku vyerekeye ukwemera ivyagezwe) kugarukira aho inyigisho z'idini zagarukiye, kirazira kuharenga.

**f) Inyungu ziri mu kwemera ivyagezwe**

Mu kwemera ivyagezwe harimwo inyungu zihambaye. Zimwe muri izo:

- Guhimiriza umuntu gukora n'umwete no gutera intambwe (kuja imbere) n'ishaka ryinshi n'ukwizera; ku kubera umuntu yemera ko ikimushikiye kitari kumuhusha (ari ntabanduka); kandi ko icamuhushije kitari kumushikira;
- Kugira inguvu zidasanzwe mu kwizera no kwishira mu minwe y'Imana Allah;
- Kuvavanura n'inzigo, gusharika, kwibona no kwishima;
- Kuronka ukworoherwa (mu mutwe), ituze (ku mutima), n'ukwihanganira ibimushikira. Nk'uko vyavuzwe n'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) iti:

  "عَجَبًا لأمرِ المؤمنِ إنَّ أمْرَه كُلَّهُ لهُ خَيرٌ وليسَ ذلكَ لأحَدٍ إلا للمُؤْمنِ إنْ أصَابتهُ سَرَّاءُ شَكَرَ فكان خَيرًا لهُ وإنْ أصَابتهُ ضَرَّاءُ صَبرَ فكان خَيرًا لهُ"

  "Ni akaroruhore ubuzima bw'umwemeramana! Mu vy'ukuri, ubuzima bwiwe bwose ni ivyiza bisa, kandi ivyo si ivy'uwo ari we wese (mu bantu) kiretse umwemeramana; iyo ashikiwe n'ikinezereye (mu buzima) arashima, bikaba ineza kuri we; iyo na ho ashikiwe n'amakuba arihangana, bikaba ineza kuri we". Yashikirijwe na Muslimu.
- Gutsimbataza ingeso yo guharira no kugirira abandi ikigongwe.

## UBUGWANEZA (IH-SAAN)

**1) Ukuri kw'ubugwaneza n'urwego rwabwo**

Ubugwaneza busigura ko umuntu yemera gusenga yiyegereza Imana Rurema, kuyambaza ng'aha kw'isi, nk'aho yoba ayibona imbonankubone, agaheza akayiyumvamwo ko Imureretse mu bihe vyose.

Ubugwaneza bugizwe n'urugero rumwe, rwavuzwe mu nsiguro yatanzwe n'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ivuga iti:

"أَنْ تَعْبُدَ اللَّهَ كَأَنَّكَ تَرَاهُ فَإِنْ لَمْ تَكُنْ تَرَاهُ فَإِنَّهُ يَرَاكَ"

"Ubugwaneza, ni ugukora ivyo kwiyegereza Imana Allah mu kuyisenga nka hamwe woba uyibona (imbonankubone); niwaba utayibona Yoyo Irakubona". Yashikirijwe na Muslimu.

**2) Ikibanza c'ubugwaneza n'inyungu zabwo**

Ubugwaneza ni rwo rwego rwo hejuru mu nzego zigize idini. Abagwaneza, ni bo bantu bakundwa n'Imana Allah. Nk'uko Imana Allah Ivyivugira Iti: {وَاللَّهُ يُحِبُّ الْمُحْسِنِينَ}

"Burya Imana Allah Irakunda abarangwa n'ubugwaneza " (Al-Maa-ida:93).

Ubugwaneza bufise inyungu nyinshi:

a. Kwiyubara no gutinya ijunja ry'Imana Allah;
b. Kwitwararika gutunganya neza amasengesho no kwama ushira umwete n'ishaka ryinshi mu kuyatunganya neza bishemeye kuruta;
c. Kwiyumvamwo ko Imana Allah Ikureretse kandi Ikubona;
d. Gukora ibikorwa vyose ku bw'Imana Allah, uzirikana impera kuri Yo gusa;
e. Gutsindira urukundo rw'Imana Allah n'ukwamana na Yo, mu kugutabara no gufatwa mu mugongo. Imana Allah Ivuga Iti:

{إِنَّ اللَّهَ مَعَ الَّذِينَ اتَّقَوْا وَالَّذِينَ هُمْ مُحْسِنُونَ}

"Mu vy'ukuri, Imana Allah Iri kumwe n'abayitinya bakayigamburukira, hamwe n'abagwaneza" (An-Nahl: 128).

## IVYONONA UBWISLAMU

Ijambo ryo kwemanga ko Imana ari Imwe Rudende (LAA ILAAHA ILLA LLAAHU), ntirishobora kugirira akamaro umuntu ngo rimurokore mu muriro, rimwinjize mu Bwami bw'ijuru, kuko gusa yarivuze ku rurimi; ahubwo ni ngombwa ko hubahirizwa ibisabwa no kudakora ivyo vyose vyonona iryo jambo.

Ibintu vyonona ubwislamu ni vyinshi, ariko ng'aha turadondagura cumi muri vyo, vyumvikanyweko n'abamenyi:

1) Kubangikanya Imana Allah.
Imana Allah Ivuga Iti: {إِنَّ اللَّهَ لَا يَغْفِرُ أَنْ يُشْرَكَ بِهِ}
"Mu vy'ukuri, Imana Allah ntigumiriza ibanga ngo Ibabarire uwuyibangikanya[3] " (An-Nisaa-i: 116).

2) Gushira hagati y'umuntu n'Imana Allah abishikira acako akabatura ingorane, akabasaba ko bamuvugira ku Mana, akishira mu minwe yabo.

3) Kudafata ababangikanyamana ko ari abahakanyi, kugira amakenga ku buhakanyi bwabo canke kwemeza bimwe mu vyo basenga.

4) Kwemanga ko hari iyindi nzira (y'ukuri) itunganye kurusha inzira y'Intumwa (Muhamadi nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) canke ko hari itegeko ryoba ari ryiza kurusha itegeko ryayo.

5) Kwanka ico ari co cose mu vyashikirijwe n'Intumwa y'Imana Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), n'aho azoba agikora ariko kitamuhimbara.

6) Gusuzugura ico ari co cose (akakinegura) mu vyerekeye idini ry'Imana, impera canke ibihano.

7) Kwemera uburozi, kubushima canke kuroga.

8) Gushigikirana no gufadikanya n'ababangikanyamana mu kurwanya abislamu. Imana Allah Ivuga Iti: {وَمَنْ يَتَوَلَّهُمْ مِنْكُمْ فَإِنَّهُ مِنْهُمْ}
"Uwuzobagira abagenzi somambike acuditse na bo, azoharurwa muri bo" (Al-Maa-ida: 51).

9) Kwemanga ko bamwe mu bantu, bashoboye kudakurikiza amabwirizwa y'Intumwa y'Imana Muhamadi (nyakugira amahoro

[3]Mu gihe yopfa atarigaya.

n'impuhwe z'Imana Allah), kurya umweranda Khidri yashoboye kudakurikiza amabwirizwa ya Musa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

10) Gufata minenerwe mu kwirengagiza idini ry'Imana, umuntu ntaryige eka ntanarigendere. Imana Allah Ivuga Iti:

{وَمَنْ أَظْلَمُ مِمَّنْ ذُكِّرَ بِآيَاتِ رَبِّهِ ثُمَّ أَعْرَضَ عَنْهَا إِنَّا مِنَ الْمُجْرِمِينَ مُنْتَقِمُونَ}

"Ni nde yokwirenganya gusumba uwibutswa (kwubahiriza) amajambo y'Imana Yiwe Rurema, hanyuma akayafata minenerwe mu kuyirengagiza! Mu vy'ukuri, Twebwe (Allah) Tuzokwihora (mu guhana) abanyavyaha" (As-Sajda: 22).

**Ibihushanye no gutunganya bikwiye neza TAWHIIDI**

Hari ibintu bihushanye no gutunganya neza bikwiye ukwemera ko Imana ari Imwe Rudende (TAWHIID), vyaziririjwe gukorwa n'ubwislamu, kubera ko vyohava biba intandaro yo kubangikanya Imana Allah. Bimwe muri vyo ni:

1) Kurahira kw'izina ry'ikindi kintu atari Imana Allah. Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaravuze iti:

"مَنْ حَلَفَ بِغَيْرِ اللَّهِ فَقَدْ كَفَرَ أَوْ أَشْرَكَ"

"Umuntu wese azorahira kw'izina (ry'ikintu) atari iry'Imana Allah, nta nkeka ko azoba ahakanye canke abangikanije Imana Allah". Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy na Ahmadi.

2) Gukoresha imvugo ubwira mugenzawe uti: "Imana Ibishatse na wewe ukabishaka". Nk'uko vyakiriwe mu nyigisho y'intumwa ko hari umugabo yigeze kubwira Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ati: "Imana Ibishatse na wewe ukabishaka". Maze Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) iraheza imubwira iti: "أَجَعَلْتَنِي وَاللَّهَ عَدْلًا؟ بَلْ مَا شَاءَ اللَّهُ وَحْدَهُ"

"Mbega! Ushaka kunganisha n'Imana Allah? Ahubwo vuga uti: "Imana Allah Ibishatse ubwayo Yonyene". Yashikirijwe na Ahmadi.

Ni nk'umuntu yovuga ati: "Ibi bivuye ku Mana Allah no kuri wewe". Canke ati: "Jewe mbayeho ku bw'Imana no ku bwawe" canke ati: "Singira kirumara kiretse Imana na we". Canke ati: "Nishize mu minwe y'Imana n'iy'iwawe, n'ibindi.

3) Kwambara ibiheko wizeye ko bifise ubushobozi bwo kugukingira canke gukuraho ivyago. Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ivuga iti: "مَنْ عَلَّقَ تَمِيمَةً فَقَدْ أَشْرَكَ"

"Umuntu wese azokwambara igiheko, nta nkeka ko azoba abangikanije Imana Allah". Yashikirijwe na Ahmadi.

4) Kwemera ko gutera canke gukura umwaku bibaho: biba mu kurabira ku nyoni, imisi (kanaka), igiharuro (kanaka), abantu, ibibanza n'ibindi. Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaravuze iti: "الطِّيَرَةُ شِرْكٌ"

"Ugutera no gukura umwaku ni ibangikanyamana". Yashikirijwe na Abu Dawudi na Al-Tirmidhi.

5) Gusengera mu bibanza vyo gufubamwo canke kuvyubakamwo imisigiti (mu ntumbero yo kurondera agakiza gaturuka ku bapfuye). Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaravuze iti:
"لَعَنَ اللَّهُ الْيَهُودَ وَالنَّصَارَى اتَّخَذُوا قُبُورَ أَنْبِيَائِهِمْ مَسَاجِدَ"

"Abayahudi n'abanaswara barakavumwa n'Imana Allah kuko bahinduye ibibanza bahamvyemwo abavugishwamana babo amasengero". Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslimu.

6) Kurenza urugero mu guhayagiza Intumwa y'Imana Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) igahabwa icubahiro kiyirengeye. Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:
"لا تُطْرُونِي كَمَا أَطْرَتْ النَّصَارَى ابْنَ مَرْيَمَ فَإِنَّمَا أَنَا عَبْدُهُ فَقُولُوا عَبْدُ اللَّهِ وَرَسُولُهُ"

"Ntimuzompayagize (birenze) nka kurya abanaswara bahayagije birenze Isa mwene Mariyamu. Mu vy'ukuri, jewe ndi umuja w'Imana Allah. Kubera ivyo rero, muranyita umuja w'Imana Allah n'Intumwa yayo". Yashikirijwe na Al-Bukhariy.

Ivyo rero, bitwereka ko ubwislamu bwabujije imvugo iyo ari yo yose, ibikorwa canke ukwemanga vyotuma haba agahaze mu gutunganya neza bikwiye, ukwemera ko Imana ari Imwe Rudende Allah.

Ubwislamu kandi bwarigishije ibikenewe vyose, kugira ngo umuntu acungere ukwemera kwiwe, ntigutosekare canke ngo gutirimuke.

Nihagire impuhwe n'amahoro y'Imana Intumwa yacu Muhamadi.

## GUSOZERA

Nihashimagizwe Imana Allah, Rurema w'ibiremwa vyose. Amahoro n'impuhwe bisasagare ku Ntumwa yacu Muhamadi no ku muryango wayo, ingendanyi zayo zose n'abiyemeje gukurikira inzira yabo gushika ku musi w'impera.

Inyuma y'ivyo, igikorwa co gusigura mu rurimi rw'ikirundi igitabu c'inyigisho zerekeye ukwemera (Aqiidah) ku mugwi w'abisununuye mu bumenyi bw'idini kiratunganye, gutyo tukaba dushimira twongera dushimagiza Imana Allah Yakidushoboje.

Ni na co gituma, twashaka gushimira kandi abitanze bose batiziganya kugira ngo iki gikorwa gishike kuri iyi ntambwe ishimishije, canecane abagize umugwi ushinzwe gusigura mu kirundi ibitabu vy'inyigisho z'idini ry'ubwislamu, ku kigoro nta ngere bagize gushika n'aho iki gitabu gitungana neza nk'uku mukibona.

Twashaka kandi gushimira ishirahamwe "Fondation BENAA" ku ntererano idasanzwe ryatanze, mu gufata mu mugongo no gutera intege uwo mugwi. Imana Allah Yonyene ni Yo Izobirihembera.

Turasavye Imana Nyenubweranda Idufashije kuba twashoboye gutunganya iki gikorwa bikwiye, Ikiduhembere mu kuduha icubahiro kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa, Yongere Itubabarire ivyaha vyacu, Idushoboze kuzirikana indishi kuri Yo, mu vyo tuvuga n'ivyo dukora kandi vyungure n'abandi. Mu vy'ukuri, ni Nyenukwumvirumusavyi.

Mana yacu Allah, Sasagaza amahoro n'impuhwe zawe ku Ntumwa yacu Muhamadi, umuryango wayo n'ingendanyi zayo zose.

**Sheikh GIHETE Yusufu**

سلسلة مناهج دورات العلوم الشرعية
فئة المسلمين الجدد

مؤسسة بناء للتنمية والتعليم
BENAA FOUNDATION FOR DEVELOPMENT AND EDUCATION

# العقيدة


تأليف

د. سليمان بن صالح الغصن


ترجمه إلى اللغة الكيروندية الأستاذ ميناني عبد الصمد

راجعه - الشيخ غيهيتي يوسف

- المهندس نداباشينزي ألماس

بوجومبورا، ذو الحجة ١٤٣٨